# Igihe C'Ishengero Rya Simuruna

Jeffersonville, Indiana, USA

06 Kigarama 1960

1 Data mwiza, kuri uno mugoroba turanezerejwe canen'ukumenya ko dufise Ubugingo budapfa. Ubugingo bw'Imana yacu bwigabanganijemwoibirimi vy'umuriro maze buja kuri umwe umwe wese muri bo; bose buzuzwa MpwemuYera, hanyuma batangura kuvuga mu zindi ndimi, ukwo Mpwemu abahaye kuzivuga.Ewe Data, ese ukuntu tugushimira kubona warigabanganije hagati mw'Ishengero!Ntibitangaje kubona Umwami wacu yavuze ati: «Uwo musi muzomenya ko ndi muri Data, namwe muri muri jewe, nanje ndi muri mwebwe.» Bishoboka gute koImana yo mw'Ijuru iguma hagati mu bantu bayo! « Hasigaye igihe gito, ab'isintibabe bakimbona, ariko mweho muzombona; kuko nzobana namwe kandi nkaba nomuri mwebwe gushika ku muhero w'isi. » Mu bihe vyose vy'Ishengero vyari bigiyekuza, uzoba uhari, uri uko wari uri ejo n'uyu musi n'ibihe bidashira, kandituzokumenyera ku bikorwa Uzokora. « Ibini vyo bimenyetso bizokwama biboneka kubizera. »

2 Mwami ivyo tubibonye, turabona ko turi ku ntambwe yanyuma y'ibihe vyose vy'Ishengero, ko igihe kiri hafi yo kuranngira mazebigasubiririrwa n'uguhoraho. Ewe Data, Mana yacu, turanezerejwe cane no kumenyako turi muri ayo masigarira, uyu musi dusuzumye ubuzima bwacu kandi tukarabaintumbero zacu izo ari zo, ibituma tumera uko turi n'ukuntu Mpwemu Yerayitwararika ivyo vyose. Ewe Mana, icompa kuri uyu mugoroba, umuntu wese ari imberey'inyonga zawe agatahura ibi bihe vy'Ishengero turimwo kandi agaheza agahungiravuba ku Mwami Yesu, kuko handitswe mu buryo butomoye ngo: « Izina ry'Umwami Yesu ni umunara ukomeye ;umugororotsi awirukiramwo akaba amahoro.»

Ewe Mana yacu, nuze kuri uyu mugororba udusigeamavuta! Ewe Mwami garukana abazimiye, abari mu rwijiji bose; raba izo ntamaMwami, zitazi ico ziri bwizere; hose abungere barazihamagara. Data turagusavyengo zumve Umwungere Mukuru w'umukuku, Umwami Yesu, Mpwemu wiwe w'Ubwiza atubarirakuri uno mugoroba ati: « Mwana wanje, ingo kuri jewe nanje nzoguha Isabato,Uburuhukiro uzohabwa nk'ikimenyetso gushika ushitse mu guhoraho. » Ntitubetukizungazungishwa n'isi mu gihe tubona ko ubu igihe kigeze kw'iherezo ryayo! EweData nubiduhe! Uvugire mu kanwa k'umuvugabutumwa kandi wumvire mu matwiy'abumva, kuko twese duteze amatwi. Tubigusavye mw'Izina rya Yesu; Amen !

3 Murashobora kuvyagira. Kuri uno mugoroba rero,turaja kwiga ku gihe kigira kabiri c'Ishengero. Ndabona abantu benshi barikobarandika ivyo mvuga, ni co gituma ngomba guhora mvuga ibintu ndabitomoye.

Igihe kigira kabiri c'ishengero citwa « Igihe caSimuruna ». Igihe ca Simuruna catanguye igihe ca Efeso kirangiye. Igihe caEfeso gihera mu 55 kigashika mu 170 inyuma y'ukuvuka kwa Yesu Kristo. Igihe caSimuruna catanguye mu 170 kirabandanya gushika mu 312. Iryo shengero ryarahamwe;ni ryo ryahawe igitsibo c'abishwe bahorwa gushingira intahe Yesu Kristo ; niishengero ryahamwe. Kandi isezerano ry'Imana kuri ryo, kw'Ishengeroryatoranijwe muri ryo, kwari uguhabwa igitsibo c'Ubugingo.

4 Ishengero ryose ryari rifise inyenyeri iri mu kubokokw'Imana, igereranywa n'intumwa y'icogihe c'ishengero. Aho ngeza kumenya (kuko Bibiliya ntivuga abo ari bo), intumway'igihe c'Ishengero rya Efeso yari Paulo, kuko ni we yatanguje ishengero ry'iEfeso aca aba n'umwungere w'ico gihe c'ishengero; ni we yazaniye umuco iryoShengero gushika Yohana atanguye kurirongora. Hanyuma y'aho haza Polycarpen'abaje inyuma yiwe.

5 Ku vy'igihe ca Simuruna, kubw'ivyo nashoboye kubonabicerekeye, ndibaza ko intumwa

yaco yari Ireneyo. Ngomba kubereka igituma ntahisemwoPolycarpe ngahitamwo Ireneyo. Abapasitori benshi n'abanonosoye ivya Bibiliyabibaza ko uyo mumarayika yari Polycarpe. Polycarpe yari umwigishwa wa Yohana,ni ivy'ukuri. Kandi Polycarpe yasozereye ugushinga intahe kwiwe mu kwicwaahorwa gushingira intahe Yesu Kristo. Bamwishe bamusogose inkota mu mutima.Yari umugabo ahambaye, umugabo w'icubahiro, umuntu yubaha Imana kandiyiyoroheje. Nta gukekeranya yuko yari umwe mu bakristo bahambaye babayeho.Kandi nta co umuntu yomuneguyeko mu buzima bwiwe.

Ng'iki icatumye mpitamwo Ireneyo : Ndibaza koIreneyo yisunga cane Ivyanditswe kurusha Polycarpe. Polycarpe we yariahengamiye ku ciyumviro c'Uburoma co gushiraho idini. Ariko Ireneyoyarabirwanya cane akavyamirira kure. Mbere nk'uko tubizi twese ivyo bihari nivyo vyavuyemwo inama y'i Nikaya ; kimwe mu bikuru bikuru batumvikanako kwariukumenya ko Imana iri mu butatu cankeko ari imwe. Ireneyo aca aja kuruhande rw'abavuga ko Imana ari Imana, Imana imwe rudende.

6 Noshobora kubasomera agace gatoya gusa mu gitabocitwa : «Abapatiri b'imbere y'inama y'iNikaya », igitabo ca mbere, urupapuro rwa 412 namba mushaka kuvyandika :Igitabo ca mbere « Abapatiri b'imberey'inama y'i Nikaya.» Murashobora kugisoma cose ; handitswemwo vyinshi.Ngiye guheza ndaja gusoma vyose ; ni hafi imirongo mirongo ibiri canke mirongoitatu, ariko sinja kuyisoma yose, ndaja gusoma agace gatoya gusa:

«Ibindivyose vyerekana amatazirano y'Imana imwe(murabona, avuga uwo bita Data, Mwana na Mpwemu Yera, kandi akavuga ati :Ni amatazirano, si amazina, ni amataziranoy'Imana imwe - bihuye neza

n'ivyo tucigisha muri iki gihe), nk'akarorero : Umwami na Data wa twese, Imana y'Ubushobozi,Umuremyi n'ayandi nk'ayo. Si amazinacanke amatazirano y'urukurikirane rw'ibintu bitandukanye, ariko ni ayoUmuperesona umwe rudende (Amen !)iryo Imana imwe rudende, Data,… ni Yo yatumye vyose bibaho. »

7 Ireneyo yavuga ko« ayo matazirano yose akoranirijwe mw'Izina rimwe, mu

Mana imwe,kandi ni amatazirano gusa y'ico Imana iri.» Yo ni Ishurwe ry'i Sharoni. Nico iri. Ni iritazirano. Ni We ca Kinyenyeri co mu gaturuturu. Ni

Alufa; ni Omega ; ni amatazirano y'ico iri. Ni Data, ni Mwana, ni Mpwemu Yera. Arikohari Imana imwe. Imana imwe, kandi Izina ryayo ni rimwe. Kandiico ni kimwe mu bituma nibaza ko Ireneyo yari mu kuri mu gusigura Ivyanditswe.

8 Ikindi kintu kimwe nipfuza kubasomera kiri mu gitabo citwa : « Ivyo vyagenze gute ? » canditswe na R.CHazelton. Kivuga ku Nkuru za kahise k'amashengero yo mu ntango. Urupapuro 180havuga ngo : « Impano zo mu buryo bw'impwemu mu gihe ca Ireneyo, kuva mu mwakawa 177 gushika mu 202. » Igituma ndiko ndavuga ibi ni uko biriko birafatwa kumakaseti, kandi tukaba twandika Ivyanditswe muri ibi bitabo :

« Mu gihe ca Ireneyo niho benshi mu bagize ishengero ry'intumwa ryo mu Bufaransa baronka impano zoseza Mpwemu Yera (ivyo vyavana n'ivyo yigisha,murabona ?) I Lyon, abigishwa ba Ireneyobaravuga mu ndimi. Vyashika kenshi kubona uwapfuye asubira kuba muzima. Ugukiraindwara vyashika imisi yose mu mashengero yose avugirwamwo Ubutumwa bwiza, ahoari ho hose (uwo Ireneyo yari azi kwigisha !) Ibitangaza vyama vyabaye. Mu bisanzwe, muri ayo mashengero hamahashika ibitangaza bitandukanye biva mu nyonga z'Imana, haba mu kwerekwa, cankemw'ihagarikwa ry'amategeko agenga ivyaremwe canke mu bitangaza, kugira ngovyibutse abakristo bizera ubutumwa bwiza bw'ico gihe ko bari abigishwa bayobakundwa. Ariko mu nkuru za kahise, ntidushobora kubona akarorero na kamwek'uwazutse mw'ishengero rya mbere ry'abaroma ».

Abatwiganira ivyo ni abantu ata ho begamiyemuri iyi mirwi tubonye ; bavuga gusa ukuri. Ni abanditsi b'ivya kahise.

9 Ni co gituma nibaza ko yari Ireneyo. Kuko murabona, yari afise kwa kwizerank'ukwa Paulo n'ukw'abigishwa bagiye bahererekanya. Ni co gituma nibaza ko yariumumarayika w'ishengero rya Simuruna, kuko yari afise ya nyigisho nyene ihuyen'Ivyanditswe; kandi izo nyigisho nyene zihuye n'Ivyanditswe hakoreshejweIjambo ry'Imana, zitanga ivyamwa bimwe mu bihe vyose. Mukurikije ukw'Imanayageze ibintu maze mukabishira mu ngiro urudome ku rundi, mutitayeho ivyoamashengero azovuga, mukabikurikiza nk'uko yababwiye, ivyo bizobabera kunonyene. Ivyo ni vyo Ireneyo yakoze.

10 Mubitahure, ndibaza ko Polycarpe yari umuntu mwiza, ariko ndibaza ko yagumaashaka kugira ishengero idini nk'uko abanikolayiti babikora. Ishengero barigizeidini, biyegeraniriza abo bafatanya. Dufatiye ku vy'ubwenge, umengo ni vyizacane, ariko murabona ko Mpwemu arengeye cane ivy'ubwenge… ntimushobora nokwiyumvira nk'uko Mpwemu ashaka. Imana iti : « Ivyiyumviro vyanje birengeye ivyiyumviro vyanyu, Inzira zanje zirengeye inzira zanyu. ».Hari rero uburyo bumwe gusa, ni ukuyikurikira gusa bihuje n'integuro yayo. Niukuri !

11 Noshaka kuja i Chicago kuri uyu mugoroba, nokoresha gusa indangamerekeronkavuga nti : « Reka ndabe, Chicago iherereye neza na neza muri uru ruhande. Nivyiza cane. Tugende ! » Sinoshobora na mba no kuva i Yeferesonivile ! Murabona? Biba ngombwa ko ndondera ikarata iriko amabarabara. Hariho inzira yaciweyonshikana i Chicago ndi mu modokari mu masaha atandatu canke indwi, arikosinoshobora gufata ibarabara iryo ari ryo ryose. N'indege ubwayo ntiyofatainzira iyo ari yo yose ; itegerezwa kuguruka yerekeje umurongo kanaka kuburebure bw'amaduga kandi ikaguma ku rugero kanaka mu kirere.

Hari inzira yaciwe, kandi Imana irafise inzira. Imana yaraciriye inziraIshengero ryayo, abantu bayo kandi ntiyigeze ishaka ko rirongorwa n'abapapa,abakaridinari, abasenyeri bakuru, canke abagenduzi bakuru. Mpwemu Yera ni Wearera Ishengero ry'Imana Nzima, ari muri ryo kugira ngo ariheshe Ubugingo.Kandi ukwera kwose ntikuja ku mu karidinari, canke ku mupatiri, kugira ngokumugire umweranda canke ico ari co cose mw'ishengero. N'abanyeshengero na bonyene barafise uburenganzira bwo guhabwa Mpwemu Yera co kimwe n'umuvugabutumwauwo ari we wese, umwungere, umudiyakoni, uwujejwe ivy'inyubako, canke uwundiwese.

12 Igituma babita abanikolayiti...Ejo ku mugoroba turiko turiga ivyerekeyeabanikolayiti, twarihweje iryo jambo dufatiye ku Kigiriki, kandi twabonye ko «Niko» gisigura «kunesha» canke «kwica.»Iki? Abaniko-layiti, abanyeshengero! «Kwigarurira abanyeshengero, kandiukabanesha, ukabaganzisha amategeko y'abantu mu kubaha abarongozi ba ekeleziyabazobigisha maze bakazokoranira hamwe kugira ngo bumvikane ku nyigisho zabobwite. » Inama y'i Nikaya yakoranye muri iyo ntumbero. Kuko abantu benshibakoraniye mu nama y'i Nikaya kugira bashinge uko ibintu bikwiye kujabiragenda. Ivyo ntidushaka kubivugako vyinshi, kuko ivy'Inama y'i Nikayatuzovyigako ku wa kane ku mugoroba.

Ariko raba rero aho ishengero Katolika ry'i Roma ryahereye : ryatangujwen'umurwi w'abantu bahoze ari abigishwa ba Paulo, aba Ireneyo, aba Maritinon'abandi. Bari abakristo bavuye mu bupagani hanyuma bahindukiriraivy'ubukristo, ariko baca bagomba gusubiza ishengero mu bikorwa bisan'ivyagirwa mw'Isezerano rya kera, nk'akarorero kugira abaherezi bakuru,urukurikirane rw'intumwa, umupapa agasubirirwa n'uwundi, n'ibindi. Hamwetwoshobora gusesangura iyi Bibiliya yose, mwobona ko ibi ari ukuri, mwobona koImana ivyo yabiciriyeko iteka uhereye kw'itanguriro; kandi mu gihe c'ishengerotwizeko ejo ku mugoroba, Imana yavuze iti : «Ivyo ndavyanka!» kandi Ishengero ry'ukuri ryakora gurtyo nyene.

13 Imana ntiyigeze yemera na mba ko Ishengero rirongorwa n'umuntu kanaka. Imana niYo irongora Ishengero ikoresheje ingabire za Mpwemu. Ingabire za Mpwemu zirimw'Ishengero kugira zihubure impwemu. Yashizeho amabango y'ubukozi atanumw'Ishengero ryayo. Irya mbere muri ayo ni iry'intumwa, canke abamisiyonari.Umumisiyonari canke intumwa ni wo muhamagaro uhambaye ubaho. Ijambo«Umumisiyonari » risobanurwa ngo : Uwatumwe;«intumwa» risobanurwa ngo : uwatumwe.Kubera iki igihe kimwe bahisemwo kwitwa abamisiyonari? Ivyo nta co ndabiziko!Ariko vyukuri ni intumwa. Intumwa, abavugishwa n'Imana, abigisha,abavugabutumwa, abungere. Ni ibikorwa Imana yashiriyeho Ishengero ryayo.

Muri buri shengero nyakarambi, harimwo rero ingabire icenda za Mpwemu zikoreramu bantu, izo na zo ni ukumenya, ubwenge, ingabire y'ugukiza indwara, ingabirey'ugukora ibitangaza, ingabire y'ukuvuga mu ndimi... Ivyo vyose biri mu mubiriwa buri shengero nyakarambi. Kandi umuntu wese mw'ishegero afise ibangory'igikorwa yiharije, kandi iryo bango ry'igikorwa yiharije rikorana n'ayandimabango y'igikorwa, kugira ngo Umubiri wa Yesu Kristo wubakwe.

14 Ubu rero, nimwibuke ibi... ndabibacapira ku mugoroba. Ishengero rya mbere niEfeso; hanyuma hariho Simuruna, Perugamo, Tuwatira, Sarudi, Filadelufiya naLawodikiya. Mu gihe turiko turabandanya ibi, nimwibuke ko iri shengero ryariryuzuye Mpwemu, ariko ku mpera y'igihe caryo, dusanga ko baciye bata inzira. Mugihe c'ishengero ryakurikiye, ivyo vyarabandanije kandi birarushiriza, gushikakuri iri, bari basigaye ari abantu bakeyi cane. Avuga ati : « Ufise bike. » Oh,aho tuzotangurira igihe c'ishengero rya Tuwatira!

15 Inyuma y'aho, Imana yongeye guhagurutsa Ishengero, yahagurukije Maritino Luteri.Ivyo vyatanguye kurushirizaho kugaragara aho atanguriye kwigishaUgutsindanishizwa; Maritino Luteri yaje yigisha ugutsindanishirizwa. YohaniWesileyi aza yigisha ukwezwa. Hanyuma muri iki gihe na co, bagarutse neza naneza ku mubatizo wa Mpwemu Yera, hamwe na vya bimenyetso nyene na vya bitangazanyene. Aha ni ho ivyo vyatanguriye hanyuma y'igihe c'umwiza camaze imyaka 1500,kandi ico ni co gihe kirekire dufise mu bihe vy'Ishengero. Aha kandi ni hohatangura kugaragara ugutsindanishirizwa, ukwezwa, umubatizo wa Mpwemu Yera.Kandi Bibiliya ivuga ko kw'iherezo rya kino gihe, izi nkehwa zizotsikamirwa,kuko iri shengero rya Pentekote nyene rizotangura gukora nko mu ntango, mu gihec'abanikolayiti. (Oh Mana, ugumize akanwa kanje kazibiye gushika igihe nzobitangurira!)Murabibona? Jewe ivyo ndashobora kubitahura! Muvyigeko gushika mubitahuye.Kandi nzobereka ko intumwa y'iki gihe azokwanka amadini. Mpwemu azohaguruka mubana. Uko ni ko vyamye bimeze.

16 Ubu rero murabe ingene ngaha vyari vyiza cane hanyuma birahinduka, amaherezovyagiye birushirizaho kunyohwa. Hanyuma ivyo bica vyongera kugaragara. Luterini we yabigarukanye; hatanguye ugutsindanishirizwa, hanyuma haza ukwezwa,hanyuma umubatizo wa Mpwemu Yera; hanyuma mu mpera vyongeye kunyohwa gushikaaho bimera nk'ivyazimanganye rwose; aho hazoba hasigaye igihe gito cane, ni cogituma yasemereye avuga ko ata n'umwe yorokotse iyo iyo misi itagerurwa kubwoabatoranijwe. Murabibona? Ni co mugezemwo, ni mu gihe c'iherezo neza na neza.Ivyo mugume muvyibuka.

17 Ubu rero tugira dutangure igihe c'ishengero rya Simuruna. Ngomba mbanzendababwire ivyo nanditse aha ku rupapuro. Igihe c'ishengero rigira kabiri niSimuruna, kandi ndizera ko mwese (canke bamwe bamwe muri mwebwe) duhuriza hamweko Ireneyo yari inyenyeri y'iki gihe c'ishengero. Yari intumwa y'Imana, kukoyarazungurutse igihugu cose, ubufaransa bwose (ari bwo bwitwa Gaule), atanguzaamashengero, rimwe ryose rigashingira ku mubatizo wa Mpwemu Yera, rivuga mundimi, rizura abapfuye, rikiza abarwaye, rihagarika imvura ngo ntigwe, kandirikora ibitangaza buri musi. Bari bazi ko Imana Nzima iri hagati mu bantu bayo.Yari umuntu w'Imana, kuko abantu baravuga bati : «Kukoata muntu ashobora gukora ibimenyetsonk'ivyo ukora shiti Imana iri kumwe na we» (Nikodemo ni we yabwiye Yesuivyo).

18 Simuruna cari igisagara c'ubudandaji, hari ahantu umuntu yaca yerekeye i Ludiyano mu burengero. Cari igisagara kigira gatatu co muri Asiya yo haruguru,igisagara kinini kirimwo ikivuko; cari rurangiranwa kubw'ubutunzi bwari muri co,amasengero yaho, amazu, amashure, ubuvuzi n'ubushakashatsi. Hari Abayuda baba iSimuruna bakongera bakahavugira Ubutumwa Bwiza.

Polycarpe ni we yabaye umwungere w'ishengero wa mberei Simuruna. We n'abandi bakozi b'abizigirwa, bashizeho ukwizera Imana gukomeyemu bizera b'i Simuruna. Ba data bo mw'ishengero rya mbere bahanura abantu b'iSimuruna kugendera mu Kuri.

Izina ry'ishengero ryo muri ico gihe ryariSimuruna. Simuruna risobanurwa ngo : umururazi; iryo jambo

rivuye muri irijambo «isenga». Iryo zina ritwibutsaurupfu, kuko bariko barapfa.

19 Ni ishengero ryahamwa : «Imana yaravuze ko bahamwa.Imana yabonye uguhamwa kwabo ica ibaha ubuntu bwo kuvyihanganira. Yabonyeamarushwa yabo ica ibaha kunesha urupfu. Yabonye ubukene bwabo maze ica ibahaubutunzi muri Yo. Ishengero rya Simuruna ryaciye mw'itanure ryaka ry'amarushwa, ryaratongowe, ivyo bibaumubabwe uyimotera neza. Dushaka kuvuga kuri ayo masigarira, atari kuri ryashengero rya kera ry'i Simuruna, ndiko mvuga gusa ku masigarira. Amarushwaahambaye y'imisi cumi isigura imyaka cumi y'uguhamwa yavishijwemwo amarasomenshi.»

Sinzi konshobora kuvuga urudome rumwe rumwe mu zigize izina ryiwe canke kurivugandaritoboye. Yashizeho umwami muri ico gihe, kandi kuva kuri Neron mu 67, ni weyabaye umwicanyi kurusha abandi bose; uwo «D-i-y-o-k-e-r-e-s-i-y-a-n-o». Guheramu 303 gushika mu 312 Inyuma ya Kristo.

20 Imana yahanuye ab'i Simuruna kuyoboka gushika murupfu, nk'uko na We nyene yabaye Umwizigirwa, avuga ati : «Kandi nzoguhaigitsibo c'Ubugingo, nk'uko Data yakimpaye.» Imana yasezeraniye uwunesha (mumarushwa) gutsinda urupfu rwa kabiri : «Ntutinye abashobora kwica umubiri,ariko utinye ushobora guhonya ubugingo, ushobora kwica ubugingo. » Ab'iSimuruna bategerezwa gushikama gushika kw'iherezo, ngo : « Ntutinye umuntu,uzohabwa igitsibo c'Ubugingo ». Ukurwanya ivya gikristo kwabaye mu bihe vyagiyebirakurikira kuvugwa nk'ikigereranyo mu bihe vy'Ishengero. Ku bijanye n'ivyo,ivy'igihe ca Simuruna vyabaye ibikomeye. Turabishikako mu kanya gato,Umwamiabishatse.

Namba kuri bamwe bamwe ndiko ndabasomera iyimirongo nihuta, barashobora kuyironka igihe cose babishatse, kanditwonezerererwa kuyibaha

(mumbabarire!)

21 Kuri uno mugoroba, turatangurira ku gice ca kabiri,umurongo wa 8. Ejo ku mugoroba twatandukanye tukigejeje he? Vyukuri yarankaivy'abanikolayiti; si vyo? None Imana ikora iki? Vyukuri, twabonye ikitugitangura? - Uguhishurwa kwa Yesu Kristo, uwo ari We, hamwe n'ico ari.Hanyuma y'ivyo, hari ikindi kintu gihambaye cane. Tubona ko yanka ico ari cocose coshira ikindi kintu atari We ku mutwe w'Ishengero ryiwe kugira ngokiriganze. Ni Imana ipfuha.

Ese ingene nipfuza guhagarika ngo ngire akantundabereka! Aha dufise imirongo ine gusa. Ni bangahe bibuka ivyakozwen'uwuvugishwa n'Imana mwiza Samweli, igihe ihanga rya Isirayeli ryashaka gukorank'ayandi mahanga yo kw'isi? Ivyo muravyibuka? Uwuvugishwa n'Imana yarababariyeati : «Mwihenze!» Ariko bo bagomba gukora nk'Abafilisitiya n'abandi. Rero, niko neza na neza vyagenze muri ca gihe ca mbere c'ishengero! Biratangaje kubonaabantu batagomba kurongorwa n'Imana. Bahitamwo gukurikira umuntu. Ni ryo kosarikomeye Isirayeli yakoze : Ubuntu bwari bwamaze kubaha uwuvugishwa n'Imana,umurongozi; bwari bwabategekanirije umwagazi w'intama w'impongano, bubaronsakandi imfungurwa ziva mw'Ijuru hamwe n'ivyiza vyose biherekeza ubuntu, arikorero nk'uko tubisoma mu Kuvayo 19, bashatse Ivyagezwe. Bashatse gushirahoabigisha ivya Tewolojiya maze ngo bironkere umuntu ahambaye; ihanga ryashakakugira ijambo.

22 Umuntu yama agerageza kurengera Umuremyi wiwe,ariko nta kindi ashikako atari ukwiyica we nyene ubwiwe. Haraciye amayingamakeya nigishije kw'«Idini ry'ikivange.»Neza na neza ni ivyo! Iyo ikintu mugihinduye uruvange, ntimwigeramushobora...biba biheze! Biba biheze! Ntigishobora kwongera gusubira uko carikiri. Inyumpu ntishobora kurondoka ngo ivyare iyindi nyumpu, kuko ari inyumpu,ni indyadya. Ntimushobora kuronka ikigori ciza muteye ikigori c'ikivange.Kumbure gishobora kuzokura ariko nta co gishobora kuvamwo. Ntimwobikora, ntaciza kiri mu kintu c'ikivange.

N'ugusenga kuvanze nta co kumaze! Igihe cosemukigerageza kwongerako kuvy'Imana yavuze canke ngo mukore ivy'Imana idashakako mukora, kuba ari ugusenga kuvanze. Gushobora kuboneka ko ari kwiza. Eseingene ikigori c'ikivange ari ciza cane kurusha ikigori c'akame! Inyumpu imweizokora gusumba ifarasi zibiri. Ariko ubuntu ni bwo budukiza, ntidukizwan'ibikorwa, bene Data! «Ntimwakijijwe n'ibikorwa, ariko mwakijijwekubw'ubuntu!» Ndizigira ko mutibaza ko ibi tubonye... Mwashavuye kandindavyiyumvamwo. Murabibona? Ni kubera yuko hano hariho abaperesibiteriyano,abametodiste n'abafise ukwizera gutandukanye. Turabizi. Ni co gituma ivyondavyiyumvamwo. Birakwiye ko muja muracishamwo mukaruhuka; iyambure ivyo vyose!

23 Ubu rero mwumvirize. Ikintu cose c'uruvange ni kibi. Mukeneye ikintu c'inkomokonk'uko caremwe n'Imana : Aho rero muba mufise ikintu c'ukuri.

Turabona rero ko iryo shengero ry'Abisirayeli...mu rugendo rwabo, Imanayarabagaburiye, irabitwararika kandi ibakorera icari gishoboka cose. Arikoamaherezo bitegereje abafilisitiya, abamori n'abandi maze baravuga bati :

«Dushaka umwami! barafise ico tudafise.»

N'uyu musi ni ko bimeze. Bashiki bacu bitegereza Gloria Swanson canke uwundi kumboneshakure,

yambaye ukuntu, uhereye muri ako kanya ntibashobora gutekana nabo batambaye nk'uko. Murabona umugore mu gisagara maze mukavuga muti : «Oh,ntubona ingene ako gakanzu kiwe ari keza?» Uko yipfuza kwambara bigutwaye iki?Uko ni ko abantu bameze; namaze kubabwira ko turi mu gihe c'ukwigana, bamabashaka kwigana uyu canke uriya. Ubu hari ba Elvis Presley benshi ku buryomwoshobora kubuzuza amagari ya moshi n'ayandi; ni kubera ko uwo yabayerurangiranwa mu makoraniro yabo y'abanyamubiri... Ukwigana!

24 Dufise ibisa n'ivyo mu basenga. Nariko nsoma inkuru za Maritino Luteri... Mberemwebwe mwese abize ivy'akahise ivyo murabizi.

Baravugako ikitumvikana atari uko Luteri yashoboye kwiyamiriza ishengero Katolikantihagire ico aba, ariko ngo na cane cane ikitumvikana n'uko yashoboyekutivanga n'ukwo gukavya kwakurikiye ikanguro ryiwe maze n'aho vyari uko,akaguma ahagaze mw'Ijambo. Ico ni cogitangaje; uko Imana yamuzigamiye mu kwezwa no mu kugororoka.

25 Niho rero baja kurondera Samweli baramubarira bati: «Dushirireho umutegetsi, dushirireho umwami!» Maze Uhoraho aramubwira koadashigikiye na gato ico ciyumviro, nk'uko aterekwa aya madini yacu.

Nk'uko yanse ivyo, ni ko yanka idini. Ntiyankaabantu bafatanije, yanka abantu bagize idini. Ugufatanya turabikeneye. Ariko amadini ntituyakeneye, kuko ashirahoimbibe : «Twebwe turi aba n'aba.» «Uri umukristo? » «Ndi umumetodiste.» « Uriumukristo?» «Ndi umubatiste» Ivyo nta co bivuze! Ivyo nta co bisa bisanan'ukuba umukristo, habe na gato! Umukristo.

Umusi umwe ku mugoroba,narabajije umwigeme umwe aha imbere nti : « Uri umukristo? »

Arishura ati :«Menya neza ko mpora ncana amabuji mw'isengero imisi yose ku mugoroba.» Nk'ukoumengo ivyo vyari bifitaniye isano kanaka n'ubukristo!

Umugabo umwe yarambariye ati : «Jewe ndiumunyamerika. Nta nkeka! Ivyo nta sano bifitaniye!» Uri umukristo kuko uri uwomu bundi Bwami. Ni ivy'ukuri! Uri mu bundi Bwami, ari bwo bwo mw'Ijuru.

26 Samweli yakoze iki? Neza na neza nk'uko Imanayakoze ngaha. Samweli yakoranije Abisirayeli arababwira ati : «Nimuntegeamatwi. Hari ico ngomba ndababaze. Ndigera ndababwira n'umusi n'umwe ikintukitari ic'ukuri? Ndi uwuvugishwa n'Imana hagati yanyu! Ni mumbarire n'umusin'umwe aho nababariye ikintu mw'Izina ry'Umwami ntigishike.» Ni ko Samweliyababariye. Arongera arababwira ati : «Imana ntiyabagaburiye? Ntiyabitwararitsekandi ikabakorera ivyo bintu vyose? Mukoze icaha ko mugerageje gukora nk'ayandimahanga!»

Baravuze bati : «Ariko...»

Arongera arababwira ati : «Ngira ndababaze ikindikintu kimwe. Mbega ndigera ndabasaba amafaranga? Ndigera ndabasega? Cankendigera ndababwira ikintu mw'Izina ry'Uhoraho ntigishike? »

Barishurabati : «Oya, ni vyo nturigera utwakaamafaranga, ni ukuri. Kandi nta co uratubwira mw'Izina ry'Uhorahontigishike.»

Avugaati, «None rero ni munyumvirize! Mukoze icaha ko mugerageje gukora nk'abandi»Ariko n'aho biri uko, bo bashaka umwami! Bashaka gushitsa ivyiyumviro vyabobatitayeho kumenya yuko ari vyo canke atari vyo.

Uko nyene ni ko ishengero ryakoze mu gihe ca Efeso: ryemeye inyigishoz'abanikolayiti. Kandi bamaze kuzemera, vyarijanye neza na neza mu kuvangaivy'ubupagani n'ivy'ubukristo, ivyo bica bivamwo ibinjana 15 vy'ibihevy'umwiza. Hanyuma Luteri amaze kurisohora muri ivyo (cari igihe kigirakabiri), mbega abaluteriyano ntibakoze nk'uko ishengero rya Efeso ryakoze?Nk'uko nyene!

27 Ubu rero murabona ko igiterekwako amatara kitari gikozwe neza na neza nk'uko.Bahera hasi nk'uku, hanyuma bakaguma baduza. Ahantu hari hejuru cane kandi harihejuru cane uvuye hasi hari aha. Ubukristo bwagiye bunyohwa buke buke buva ahobwari buri, aho bufise ishusho y'Umusaraba nk'uko twabibonye mu gice ca 4;mw'ishusho y'umusaraba nk'uku. Kandi uku ni ukuboko kwiwe kw'i buryo, uku nakwo ni ukuboko kwiwe kwari kuramvuriye kuri iri shengero no kuri ririyashengero. Yari Alufa na Omega, akaba n'ibiri hagati y'izo zibiri ari zo zindindome zose hamwe.

Nimwaba mubibona, Umuco wa Pentekote umaze gutangura, ugenda ugabanuka bukebuke. Aba bagabo, Ireneyo, Polycarpe n'abandi bose, basozereye ugushinga intahekwabo mu kwicwa gushika aho agahahazo karuhiye gushikana ivy'ubukristo mu bihevy'umwiza w'umuzitanya.

28 Ubu rero nimurabe : igihe ca mbere ku rundi ruhande rw'uyu mubumbe muninigifise igice gito c'Umuco, hanyuma Umuco ukongerekana, hanyuma ukarushirizahokwongerekana. Nimurabe ingene usubira kwaka gushika muri kiriya gihe. Ubu reromu mpera z'iki gihe, vyarabuwe ko dushitse muri Lawodikiya, igihe c'akazuyazi.Ni ko biri. Kandi nagomba iki kintu cabashikanye kuri ibi, kubera

ikitwokwipfuza kubigarukiriza ku gihe ca Pentekote ?

Murazi ko Bibiliya ivuga ko hazobaho igikoko. Kandi tuzi ko ari intwaroy'abapapa b'i Roma. Ni ukuri kutagabanije. Bazokora rero igishushanyo c'icogikoko. Igishushanyo ni igiki? Ni ikintu gikozwe mw'ishusho y'ibindi bintu. Niishirahamwe mpuzamashengero, na Pantekote irimwo. Igihe kizoshika ahomuzotegerezwa kuja mw'idini, atari uko ntimuzoshobora kwugurura imiryangoyanyu. Muze murabe ko ivyo atari ukuri ! Ni co gituma tubishimikako n'inkomezizacu zose. Nta nkeka! Bazoja hamwe, kandi bazogerageza n'inkomezi zabo zosekubagobera… Ntibazobareka ngo mugire icomugura canke ngo mugurishe kiretse mufise ikimenyetso c'idini. Biri hafigushika.

29 Ni neza na neza nko kuri wa musi babaturira…Narahagaze muri ico kibuga, mazendarira nk'uruhinja, ndaramuye amaso ndaba aho abo bicanyi bahagarara kera muriico kibuga ca kera. Nihweje ivyo, nari nzi ko benshi muri bene Data b'abakristobariwe n'intambwe, batabaguriwe aho hantu nyene, bari kumwe n'abagore n'abanabatoya. Ni ho nibaza nti : Ni baba bamanukana ukwizera muri ico kibuga, noneubu ni ho nobaheba? Haba na mba, bene Data! Ewe Mana, umpe uguhagararanshikamye muri ukwo kwizera kwahawe abera kera! Ubwo rero, n'aho batonyemeranta co vyombarira!

30 Abantu bama bashaka kungabisha… Oh! Ni abavugabutumwa bangana iki bampamagajekugira bambwire bati : « Mwene Data Branham, ivyo hamwe utobihagarika, amadiniyose azokurwanya!»

Narishuye nti: « Hariho Umwe atazondwanya : ni uwuri mw'Ijuru. Uwo ni We ndondera.» Murabibona? Abantu bari mu madini yose ndabakunda.Nta nkeka ! Ariko hari ikintu ndigera ndababarira mw'Izina ry'Umwamintigishike? Murabibona? Vyose ntivyavuzwe kandi bigakorwa uko bibereye?Narigeze ndabasaba amafaranga? None rero, itandukanye n'amadidane, mubeabidegemvya muri Kristo, mwame mureka Mpwemu Yera akorere inyuma n'imberemw'ishengero.

31 Ikintu kimwe gusa ca nkenerwa, ni ugushira kure yanyu utwo tuntu twosetubatandukanya. Utwo duce ducetubatandukanya hamwe n'ukwinubana hagati ya bene Data, ivyo vyose muvyiyamburemubiterere kure yanyu! Ntimukigere muha ikibanza umuzi w'umururazi mu mitimayanyu. Atari uko ivyo bizobabera nk'ikimungu. Ni ivy'ukuri. Mugumane urukundo!N'ubwo abantu bobanka, uko biri kwose mubakunde. Nimutabishobora, ni uko muzobamutarashirwako ikimenyetso, hazoba hakiri ibintu bizungazunga muri mwebwe;nimugaruke rero kugira ngo ivyo bidomweko vyukuri ikimenyetso n'Amaraso ya YesuKristo. Ivyo bizobatuma mukurwamwo umuzi wose w'umururazi.

32 Ariko turagerageza kandi… Umugisha wa Pentekotewamanutse nko mu 1906. Turi kumwe n'umukozi w'Imana kuri uno mugoroba,umumisiyonari aturuka muri Thibet… Ivyo sindabivuze kuko ari ngaha. Ndizigirako atarataha. Ndizera ko akiri ngaha, kandi ko aja kuvugana natwe gatoya imberey'uko ngenda. Uwo mugabo aribuka ibihe vya mbere vya Pentekote. Nta dini narimwe ryariho, vyose babisangirira hamwe. Oh, ese ingene vyari vyoroshe gufatainzira atari yo kuva ico gihe, kandi ivyo bikaboneka ko ari vyiza ku bwengebw'iyi si!

33 Ihanga rya Isirayeli ntiryari kwigera rikekeranya,igihe ryari ku nkombe y'ikiyaga, rivuza akaruru… Mwombarira muti: «Ubwo buryobwo gusenga ni bushasha!» Ni bwo bwa kera bubaho! Nta nkeka! Imbere y'uko isiiremwa, hariho ukuvuza akaruru n'amashimwe vyaduga ku Mana. Imana yabivuze ahoyabaza Yobu iti: «Mbega wewe wari heheigihe nashiraho amatanguriro y'isi?... igihe inyenyeri zo mu gaturuturuzaririmbira hamwe, n'abana b'Imana bose bagasesereza impundu?» Ivyo vyabayeimbere y'uko isi iremwa.

34 Ariko itegereze Abisirayeli: Bari barabonyeibitangaza. YariPentekote ya mbere, Abisirayeli, Pentekote ya kera! Bari barakuwe muri Egiputa,Imana yari yarabahezagiye, yari yarabahaye ibimenyetso n'ibitangazabitandukanye, kandi yari yarababohoye. Hanyuma igihe bari bahagaze kuri yankombe y'ikiyaga maze bakagira igikorane ca pentekote… Ni co bakoze ! Ubu rero,nimwumve neza. Mose yaririmbiye muri Mpwemu maze Miriyamu yakira agashakok'ingoma hanyuma yiruka aja ku nkombe y'ikiyaga avuza agashako k'ingoma yongeraatambira muri Mpwemu ; kandi abakobwa b'Abisirayeli baramukurikiye, batambiramuri Mpwemu. Rero, ico ni caba kitari igikorane ca Pentekote, ni ukuvuga ko ataco ndigera mbona ! Ntibibaza ko imyaka mirongo ine yose yorangira batarashikamu gihugu c'isezerano. Cari nko ku birometero 64 vyonyene. Ariko vyabasavyeimyaka mirongo ine kuri ivyo birometero 64, kuko bahisemwo nabi. Bahisemwoivyagezwe aho kurongorwa na Mpwemu Yera ari Yo Nkingi y'Umuriro yategerezwakubitwararika ikabarongora. Bo nyene ubwabo bashaka kugira ico bikoreye;bashaka kugira abapatiri, abanyacubahiro, na tewolojiya nkeya, ibintu gusabafatirako kugira baharire aho gutera baja imbere no kureka Mpwemu Yera ngoabarongore. Bari muri Mpwemu ; Imana yari yabategekanirije vyose, ariko bobashaka kugira ico bavuga !

35 N'ivyo na vyo ni uruvange. Nimugumize inka uko iri, mugumize ifarasi uko iri,nimugumize ibifungurwa uko biri ! Ni ko ubushakashatsi bwabitangaje ; mukinyamakuru citwa « Reader Digest»,hariho ivyari vyanditswe kuri ivyo bivuga ko hamwe bobandanya bavangavangaibifungurwa, abantu na bo bakaguma babifungura… Ni nk'inkoko, bageze aho izonkoko zitaba zikigira amababa canke amaguru. Kandi iyo zitanguye guta amagi,ivyo bituma zipfa ; ntizirenza umwaka. Kandi inyama zazo ziroroshe cane kuburyo

bigoye kuzirya. Ku bazifungura na bo zirabononera amagara. Ivyo ni ukuri!

Murabizi, ku mwaka uheze, ukumenyana kw'abasangiye igitsina kwariyongereyegushika ku bice mirongo ine kw'ijana muri Leta Zunze Ubumwe za Amerika. Mwarimuzi kandi ko ubushakashatsi buvuga ko abagore barushirizaho kugira ibituguvyagutse, bakagira igikenyerero conze, kandi abagabo na bo ubwaguke bw'ibitugubugatera bugabanuka ariko bo bakarushirizaho kuba banini mu gikenyerero ? Mufungura ivyo kurya vyononekaye, mufungura ibintu vyononekaye. Umubiri wanyuwaremewe gufungurirwa ibintu vy'akame. None bica bigenda gute? Ivyobiranahindura ukwo abagabo n'abagore bifata, gushika n'aho Hollywood, na Letayacu ubwayo vyose vyononekaye. None bokora iki ? Ivyo bavyikwegera bakoreshejeigiti cabo bwite c'ubumenyi, bakiyica ubwabo.

36 Ni mugaruke ku vyariho ubwa mbere na mbere !Mugumize ivyaremwe ukwo biri, mureke kugora Imana. Mugumize Ishengero muriMpwemu Yera. Kandi Imana si umwe muri abo basenyeri canke umwe muri abo bapapa,ukwo inyigisho zabo zimeze kwose. Nimugaruke aho twatanguriye! Nimugaruke!N'aho Yesu yoza, bovuga bati : «Ndi umumetodiste!»

Yobishuraati : « Uko si ko vyari bimeze ubwa mbere na mbere!»

«Ndiumuperesibiteriyano!»

«Ubwambere na mbere, uko si ko vyari biri!» Ubwa mbere na mbere hari iki? Habayeuguhabwa Umubatizo wa Mpwemu Yera kuri wa musi wa

Pentekote.Uko ni ko vyatanguye.

60Ariko, murabona, vyabaye ngombwa ko tubigoreka. Bimeze uku biba ari vyiza cane!Kariya gashengero kari hariya, aho abantu batambira muri Mpwemu bakavuzaakaruru bamanuka mw'ibarabara! Abantu barabatera amabuye, bakabacokora,n'ibindi; si vyiza cane! «Ariko twebwe, dufise ca gisabisho gikuru c'ubutatubweranda, Inama y'Abatumwa, abanonosoye tewolojiya kandi umushingantahe kanakaakaba umupasitori!» Hanyuma bakabira ngo : «âââ-mêêên!», basemerera nk'inyanazacitse intege, kandi bakabandanya gurtyo bakora ivyo vyose.

Oh, mumbabarire! Si vyo nashaka kuvuga! Mumbabarire, sinshaka kubivuga gurtyo.Ivyo ntibibereye umukozi w'Imana.

37 Ariko raba abo bose... (mpejeje kuvyiyumvirako). Barajangaho bose bavuga ibintu bitandukanye, bimenyereza imbere yo ku...murabizi,bavuga bati : «Oyaye, ntubivuze nezank'uko biri! Ukwiye kuvuga uti: amen!» Jewe ndakunda kimwe muri vya bikoranevyiza vya kera vya Pentekote, aho ubushobozi bw'Imana bumanuka, aho basemerera,aho batazira Imana, bakagira ibihe vyiza cane. Uko ni ko Mpwemu yaza ku bantuakabushungwe. Ariko tweho... bisa nk'aho tutacumva «Amen!» ariko ivyo vyacitse: «amen!» Aho ni ho tugeze, murabona? Ayo madini...

38 Mbega ntavyavugishijwe kuri ivyo? Muribuka ivyo twabonye ejo ku mugorobavyavugishijwe na Paulo? «Ndazi ko ninamara kuhava, amabingira y'inkaziazobinjiramwo, abantu bo muri mwebwe nyene,... mbere no mw'ishengero ryanyuubwaryo (iryo shengero Katolika ry'i Roma ryariko rirakura), bazokwaduka murimwebwe kandi bikwegereko abigishwa.» Kandi amabingira Paulo yavuga,twarayabonye, babaye ba Banikolayiti.

Raba kandi Mpwemu yongera kubwira uwuvugishwa na Yo ati : «Mu misi y'iherezo,hazoba ibihe bigoye, kuko abantu bazoba bikunda gusa (ndi umwigisha kanaka,ivyo ntubimbarire!...Ndagomba ko mutahura neza ko ndi Umuperesibiteriyano,haleluya!...ndi Umupentekote!...») Ivyo bimaze iki mu gihe mudasanzwe muriAbapentekoti, nimwaba mutarabishikako!...- Ndi uwo mu mashengero y'Imana!...Ndiuwo mw'Ishengero ry'Imana! None, ivyo bihindura iki ku Mana? Mwategerezwa kubaabo mu Bwami bwo mw'Ijuru! Ni ivy'ukuri!

39 Ariko murabona, ivyo vyose ni amakoraniro y'ukwinezereza gusa. Paulo avuga ati: «Bazoba ibirandamuke, bikakisha, bakunda ibibahimbara bakabirutisha Imana.»Oh kuri bo, ntubabwire ivy'ukuja mu gikorane ku w'iyinga ku mugoroba mu gihehari integuro ziryoshe ku mboneshakure! Mbere n'amashengero nyene agira imirwiyayo y'abakinyi b'umupira w'amaguru, imisi mikuru yo kwinezereza basangirirahamwe, inkino zabo z'umupira wo ku meza!- «...bakunda ibibanezerezabakabirutisha Imana, banka kwuzura, barementanya batigarura, badakunda ivyiza.»Aba bagakengera bariya, murabona? Aba bagakengera bariya kandi bakabanka.Bagakengera mu vy'ukuri abantu bameze neza.

Mwovuga muti : «Abo ni abakominista, bene Data!» Oyaye, haba na mba!

40 Ibirandamuke, bikakisha, bakunda ibibanezereza bakabirutisha Imana, bankakwuzura, barementanya, batigarura, badakunda ivyiza, bafise ishusho (ari abanyedini gusa, murabona),bafise ishusho yo kwubaha Imana,ariko bahakana ubushobozi bwakwo.

Ni igiki categerezwa gushika muri ivyo bihe? «Bafiseishusha yo kwubaha Imana...». Ku w'iyinga baja

gusenga mu kwicisha bugufi ntangere, ariko ku w'iyinga inyuma y'umutaga bagaca bambara twa duhuzu tugufitugufi, batema ubwatsi mu ngo iwabo, hanyuma bagaca basohoka kwifatira agacupa.Hari n'abo bapasitori bafata akanya ko gusohoka ngo batumure agatabi, hanyumabagasubira kwinjira ngo babandanye igikorane! «...bafise ishusho yo kwubaha Imana...»

«Mushingantahe Pasitori, hariya hariho ishengero aho bambwiye ko umugore umweaheruka gukira kanseri!»

«Mbegaubujuju! Murazi neza ko igihe c'ibitangaza carenganye!»

«Hari ico mutazi! Umusi umwe ku mugoroba nagiyemw'ishengero ritoya rimwe, imisiyoni ntoya iri mu mfuruka y'ibarabara, hanyumaumuntu umwe arahaguruka avuga ikintu kimwe adidinganya...»

«Oh, mukundwa, ntuze wigere uja mu vy'ubusazi nk'ivyo!Abo bantu bameze nk'imbwa zafashwe n'ibisazi! Ntukivange n'ivyo bintu! Abo niba basazi kandi...ntiwigere ujayo...»

41 «...bafiseishusho y'ukwubaha Imana, ariko bahakana ubushobozi bgakwo : abantu bamezebartyo wame ubatera ibitugu. Kuko muri bo harimwo abagabo banyengetera mu mazu,bagatwara abagore batagira imitima, baremerewe n'ivyaha, batwarwa n'ukwifuzakw'uburyo bwinshi, bama biga, ariko ntaho bashobora gushitsa ku kumenya ukuri.»Ni ivy'ukuri koko! Ivyo biraba mwebwe bo mu mashirahamwe y'ugufashanyakw'abagore, amashirahamwe y'ibi na biriya; ishengero riragera aho rigiraamashirahamwe menshi y'abagiraneza ku buryo ritakironka akanya ko kuvugaUbutumwa bwiza. Umupasitori ntibamuha iminota irenga mirongo ibiri, kandiagategerezwa guca avuga ibindi bintu mu nyuma. Murabibona? Atari uko naho acaagiriranira ingorane n'inama y'abashingantahe b'ishengero! Nta nkeka!

Oh, bene Data, umupasitori mwiza ategerezwa gukoraiki muri iki gihe? Ategerezwa gukora uko ashoboye kwose, agahagarara mugihengeri, agacacura amashami akwiye gucibwa, akareka amabango akagwa ahoashaka, maze akayata hanze. Nta bindi. Ni ukuri. Nta muntu n'umwe akwiyekuziguriza, ariko ategerezwa kuvuga Ijambo gusa kandi akagumana na Ryo,abandanya akubita kandi atera aja imbere. Ni babata mw'ibohero, murarivugiramw'ibohero. Babataye hanze, murivugire aho mugiye hose. Mutere muja imbere,mubandanye muvuga Ubutumwa. Ni Ukuri! Ivyo bintu vyarashitse. Bakababuza kuvugahanyuma bakabasohora hanze.

42 Turashikiriye rero igihe ca Simuruna. Umurongo wa 8:

«Kandi wandikireUmumarayika w'Ishengero ry'i Simuruna, ut'Uwa mbere kand'uw'iherezo, uwariyarapfuye kandi akaba muzima...»

Nashaka kubereka ko igihe cose yidondora ku gihe c'Ishengero,yerekana kimwe mu vyerekana Ubumana bwiwe. Ikintu ca mbere agerageza kumenyashaIshengero, ni Ubumana bwiwe. Kuko We ni Imana! Murabona iyo ngorane yatumyehaba ukutumvikana hagati ya Ireneyo n'abandi? Bo bemeza ko Imana igabuyemwo«Impwemu» zitatu, Abaperesona batatu, Imana wongeyeko ibi. Ariko Ireneyoarabishura ati :

«Ibintu nk'ivyo ntibibaho! Ni amatazirano y'Ikintukimwe, kandi ni Imana Ishobora vyose.» Ni ukuri! Aha mu ntango, Imana yidondoraikoresheje kimwe mu biyiranga. Murabona, ngaha mu ntango iridondora, ivuga iti : «Ndi Iyamyeho, Iriho, kandi Igiraize, ni Yo Ishobora vyose. » Ubwo nyene inyuma y'aho, aca agira ico abwiraab'igihe c'Ishengero rya Simuruna.

43 Tumwumvirize, “Jewe…”

«Kandi wandikireumumarayika w'Ishengero ry'i Simuruna (kandi turizera ko ari Ireneyo)... ut'Uwa mbere kandi Uw'iherezo,...

Murabona? Aridondora ubwiwe ati : Ndi Imana y'ikigihe. Sinshaka imana zine canke zitanu zitandukanye ngaha. Ndi Imana. Ni kobiri!)...

Uwariyarapfuye kand'akaba muzima ». (Amen!)

Ni intangamarara. Simuruna risigura umururazi, rivuye mw'ijambo «isenga». Ishengero rya mbere ari ryoShengero rya Efeso, ryari ryaratakaje urukundo rwaryo rwa mbere. Ryariryaratanguye kureka umuzi w'umururazi urakura muri ryo kuko muri iryo shengero,Ishengero nyamukuru, igice kinini c'abantu (abenshi nk'uko vyama bimeze !)bahagurukira kurwanya uburongozi bwa Mpwemu Yera mw'Ishengero, maze ubwaboakaba ari bo bashaka kuba abarongozi. Bagomba gushiraho ivy'igipadiri, bagombagukora nk'ihanga rya Isirayeli mw'Isezerano rya Kera. Bashaka abapatiri. Imberey'uko bahindukirira Imana bari bafise abaherezi b'ikigirwamana Jupiter,ab'ikigirwamana Venus n'ibindi. Bagomba kuza bafise ibintu nk'ivyo kugira ngobarongorwe n'abantu bene abo. Ivyo si ibindi atari ubupagani ! Ubwo bupaganibwari bufise abaherezi n'ibisa n'ivyo. Ariko cari ikintu gishasha mw'Ishengerory'Imana Nzima. Kristo ni We Muherezi wacu, Umuherezi Mukuru wacu. TurafiseUmuherezi Mukuru hamwe n'ameza amwe dufungurirako.

44 Iryo shengero ryari ryatanguye kureka umuzi w'umururazi uramera. Kuberaiki ? Kuko ryari rifitiye umururazi abashaka kugendana na Mpwemu Yera. Urukundorwari rwarazimye, kandi bakagerageza kurusubiriza na za nemera bo n'amadini, mukwitandukanya n'uburongozi bwa Mpwemu Yera. Nimuvyiyumvireko ! Ni co gitumaumururazi wari muri bo.

Uwo mururazi watanguye kunyegetera mw'Ishengero ryambere. Mw'ishengerorya kabiri, uwo mururazi warushirijeho kwiyongera. Uburuhiro wararyinjiyemwowose, kuko baciye batangura «gukora ishengero ryiza cane». Ni na vyo biyumvira! Gurtyo rero, bakaba baronse ikintu kibereye kandi c'icubahiro aho abantubahambaye b'i Roma bashobora kuja. Kubera iki ivyo ? Kuko bari bafise umupapa,abantu bahambaye, abakaridinari n'abandi. Bari bambaye neza baritandukanijen'urwamo rwose hamwe n'ibindi vyose bahorana kugira binjire mu gutekereza no mumutekano. Ivyo vyerekana neza ko bariko barapfa. Ego, bariko barapfa ! Gurtyorero, baca biha icubahiro hanyuma bifataniriza mu rwego ruboneka neza. Inyumay'ivyo, ikintu ca mbere bakoze kwabaye ugushira vyose mw'idini rinini ryaEkleziya, ishengero ry'Abaroma rikwiye hose, ishengero Katolika ry'i Roma ryomuri vya bihe vy'umwiza. Bari bafise icubahiro !

45 Oh, vyari vyiza bihebuje gusumba igihe bakoranira mw'ibarabara, «bayererabambaye insato z'intama n'iz'impene, bari baburaniwe, bakerezwa imisumeno,bacokorwa kandi bashinyagurizwa…», nk'uko Paulo yabivuze mu cete candikiweAbaheburayo mu gice ca 11.

Iryo shengero rinini, ryiza ririmwo abantu bashajije, bambara imyambaro myizay'igipatiri, n'ibindi nk'ivyo, nta nkeka ko bari bafise inyifato bisangije ! -«Data, Revera, Mwigisha, Data kana nakanaka…» Oh, barashobora kwishira hejuru !

Ariko murabona ko cari ikintu c'uruvange. Uruvange ! NtaBugingo bwari muri co. Ntibari bagishoboye gusubira inyuma kandi ni co gitumabatigeze bongera guhaguruka. Ikanguro rya Luteri ntiryigeze ryongeraguhaguruka. Ikanguro rya Wesileyi ntiryigeze ryongera guhaguruka. N'ikangurorya Pentekote na ryo nyene ntirizokwongera guhaguruka. Kubera iki ? Kubera komwaryishe ! Mwarivanze n'isi hamwe n'ivy'abanikolayiti, mu kutemerera MpwemuYera kubandanya inzira yiwe. Ni ukuri ! Muzana uruvange mw'ishengero, mugatumaridashobora kuba rikivyara. Iyo Abametodiste bavyaye, baronka abandibametodiste; iyo Ababatiste bavyaye baronka abandi babatiste; iyo Abakatolikabavyaye, bavyara abandi bakatolika. Ni nk'iyo muhurungura ikigori. Ariko rekandababwire ikintu kimwe : iyo Mpwemu Yera agarutse, azana ukuvuka ubwa kabiri n'Ubugingo bushasha, Umubatizo wa Mpwemu Yera;atuma ishengero ryisubirako, mu kwongera kurizanamwo Ubugingo.

Ikigori c'ikivange ntikigira ubugingo muri co.Ubuzima buri muri co buba bwaraheze. Ivyo tubisanga mu gihe c'umwiza. Yavuzeati : «Umira kuri bike ufise.» Bari basa n'ababinyoshe kandi barabishibura.Ntigisubira kwama...

46 Ariko Umubiri wa Yesu Kristo si idini. Umubiri waYesu Kristo ni Umubiri utaboneka, ni Umubiri ukaba n'Ubwami, Ubwami bwo muburyo bw'impwemu bwashizwe kw'isi na Yesu Kristo ari We Mwami w'ubwo Bwami,Umuherezi Mukuru atangira ibimazi ingenzi yo muri ubwo Bwami. Ni Uwuvugishwan'Imana (Jambo) yigisha Ukuri akazana Umuco w'Imana muri ubwo Bwami ; kandimuri ubwo Bwami, We ni Uwuvugishwa n'Imana, Umuherezi Mukuru akaba n'Umwami.None twinjira muri ubwo Bwami dute ? Duciye mw'idini ? Hakoreshejwe icete ? Mukuramukanya - « Kuko muri Mpwemu umwe,twese ari ho twabatijwe ngo tube umubiri umwe », ari wo Mubiri utaboneka waYesu Kristo, kandi twawubatirijwemwo atari mu mazi, atari mu kutumijako utuzi,atari mu kudusukako utuzi, atari umubatizo mu mazi uwo ari wo wose, ariko « Kuko muri Mpwemu umwe, twese ari hotwabatijwe (Mpwemu Yera), ngo tubeumubiri umwe » (1 Ab'i Korinto 12 :13). Ego, twabatirijwe muri uwo Mubirina Mpwemu Umwe, Mpwemu Yera, gurtyo rero nta wundi tugikurikira atari Kristo.Muri aba Kristo. Ni ubwami bw'Imana butaboneka bwashizweho, ubwo twinjizwamwon'umubatizo wa Mpwemu Yera. Ivyo ndabikunda !

47 Nka hose hariho abantu

Bafise imitima irurumba kubw'umuriro wamanutse Kuri wa musi wa Pentekote

Urabatunganya uraboza.

Oh, ese ingene ubu uriko uraka mu mutima wanje!

Oh, Izina ryayo rihabwe icubahiro !

Ndanezerejwe no kuvuga ko ndi umwe muri bo ! (Haleluya!)

N'ubwo abo bantu batigiye kuba…(abaganga, abahejejeKaminuza n'ibindi…)

Canke ngo bishimire kuba bazwi mw'isi, Bose barahawePentekote yabo, bamaze kubatizwa mw'Izina rya Yesu ; None babivuga bavyeruye.

Ko ubushobozi bwiwe bwama ari bwa bundi.

Ndanezerejwe no kuvuga ko ndi umwe muri bo!

Mbega ntimunezerewe? Nta nkeka! Kuba gusa umwe muribo! Birakwiye!

48 Ndibuka umutamakazi umwe w'umwirabure yagendayunamye mw'ibarabara rimwe ryo muri Memphis. Yarambariye ati: «Mwaramutse gamushingantahe pasitori!»

Ndamubaza nti: « Uzi gute ko ndi pasitori?»

Aranyishura ati: «Umwami yambwiye ko hari umupasitoriumwe aja kuzanana ibarabara, yambaye inkofero isa n'inginagina afise n'ivalizemu ntoke. Mbonye ushitse naciye menya ko ari wewe. » Murabibona ? Oh, yari «umwe wo muri bo! » Ese ingene Imana ari nziza!

49 Ubu rero, ndizera ko hari ikintu…[Mwene DataBranham ariko arasoma agapapuro bamuhereje : « Ka gakobwa mwasengera kuw'iyinga ku mugoroba, kava i Bedford, koba gahejeje gucikana. » Ntibishoboka !Ndabasavye dusenge akanya gato !...- U] Akigeme kava i Bedford basengeye ngahaku w'iyinga ku mugoroba, bavuze ko gahejeje gucikana. Dusenge !

Mwami Yesu,mu buryo bumwe canke ubundi, Mwami, ndagusavye ko amasengesho yacu kubw'uyumwana yogushikira. Data wa twese, Mana yacu turaguhereje ako kana. Kanditwiyumvira kuri aba bantu bari ngaha; basenga kandi bingingira kubw'ako kigeme.Ewe Data, Mana yacu, ndagusavye iyi nkuru ibe atari yo, ewe Data, nta vyo tuzi,ariko ndagusaba ko wogira imbabazi kandi ugaha inkomezi ako kana kugira ngogasubire guhaguruka kandi kabeho kubw'icubahiro c'Imana. Tubigusavye mw'Izinarya Yesu Kristo. Amen! Umwami Yesu, abongere umugisha !

50 Ishengero. Izina ry'ishengero rigaragaza akarangakaryo. Mwashize muri ntibate ko «Simuruna» risobanurwa ngo «Umururazi?» Kandi muzobonako kuri buri shengero, ni izina ry'ishengero rifitaniye isano n'akaranga k'iryoshengero. Nari gushobora kugira ico mvuze hano, ariko sinja kukivuga, kukomurashobora kuntahura nabi.

No ku mazina yanyu, ni ko bimeze. Murashobora kubamutabizi, ariko ni uko biri. Ego. Murashobora kumbarira muti : «Ubwoni ubupfumu!» Oya, si vyo. Igihe Yakobo yavuka, bamwise Yakobo, ni ukuvuga intonyorotsi; ariko igihe yanigana n'umumarayika, Imana yaciye imuhindura izina imwita Isirayeli, ni ukuvuga segaba. Mbega ni vyo ? Sawuli yari Sawuli w'i Taruso, umuntu mubi ; ariko igihe yaza kuri Yesu yaciye yitwa Paulo. Izina rya Simoni Petero ubwambere ryari Simoni; ariko igihe yazakuri Yesu, yaciye yitwa Petero, ni ukuvuga akabuye gatoya. Ni ivy'ukuri !Amazina yanyu arafitaniye isano n'ico muri … arafise ico ahindura ku co muri.

51 Iri Shengero ryiswe Simuruna kuko ryariko rirapfa. Simuruna risobanurwa ngo umururazi. Mu yindi mvugo, umuziw'umururazi wari wameze maze utangura kurinyoha, uryitambika imbere, urijanakw'isenga. Isenga ni ryo bakoresha mu gusiga ibiziga, bakoresha isenga ; niumuti w'amavuta. Bakoresha isenga kugira ngo basige imibiri y'abapfuye, imaze gutegurwango ishingurwe. Ivyo bijanye n'ivy'urupfu, ishengero rero ryariko rirapfa.

Bagenzi, ntimubona ingene ikanguro ryiza cane ryaPentekote, hari haciye imyaka mikeya rifise Ubugingo none ubu ryasizwe isenga ?Ayo mavuta yari muri rirya shengero ni yo yaciye asigwa iri na ryo ; mu giheryariko rirapfa kuko ryashimye kwiyambura umwambaro waryo wera w'ukwera ngorisubire ku ducocerwa twaryo twa kera twa Ekeleziya. Ariko abantu baciye bugufibagumye kure y'ivyo, kandi barongowe na Mpwemu Yera w'ukuri, baravuga mu ndimikandi bakagaragaza Imana. Kandi bene Data, bari bafise imitima ikeye vyukuri…Vyukuri bari bagororotse, kandi mwoshoboye kubizigira muri vyose. Ariko ubu,ntawukizi ico yokwizera canke uwo yokwizigira. Hariho ikintu kimwe cabaye. Igiki?Basizwe isenga, basizwe umururazi.

52 Vyatewe n'iki? Mu ntango, harabaye Inama Rukokoma. Hanyuma baca biyitaAmakoraniro y'Imana. Mu makoraniro y'Imana haciye havamwo Ishengero ry'Imana.Abo mw'Ishengero ry'Imana baciye batangura rero gusuzugura abandi bavuga bati :«Muri amakoraniro y'Imana.» Abandi bakavuga bati : «Muri ishengero ry'Imana.»Amaherezo havutse Ishengero rya Pentekotery'Imana ryiyunze. Haciye igihe gito, hako bemera umuco ngo bawugenderemwo,baciye bagira idini ku buryo batagishobora kwemera Umuco.

Igihe bazanira Amakoraniro y'Imana Umubatizo womw'Izina rya Yesu Kristo ngo usubirire uwo mu matazirano ya «Data, Mwana naMpwemu Yera», bari bamaze gushinga imizi cane ku buryo batari bagishoboyeguhindura ikintu na kimwe. Yamara barazi ko ari Ukuri! Nihagire uwumpariririza koivyo bitajanye na Bibiliya. Ni ukuri kutagabanije. Ariko bashobora gukora iki?Nta co bashobora gukora! Boca basenyura za nemera zabo, kandi ivyo,ntibashobora kubikora!

53 Abanyabumwe bakoze iki? Aho kwemera ivyo ngo baterebaja imbere, baciye bikakisha, bavuga bati : «Imana ishimagizwe ibihe vyose!Turafise Umuco, mwebwe nta wo mufise! Turi aba…» Bakoze iki? Babigize idini.Ariko ntimushobora gushira Imana mw'idini! Bibiliya ivuga ko mbere Imanaitaboneka. Oya, mu Mana nta vy'imigenzo biriyo.

Ariko Amakoraniro y'Imana yagerageje gushira Imanamw'idini n'ugufata ko ishengero ryabo ari Ishengero nyakuri. Hanyuma hazaAbanyabumwe, hanyuma nabo bagerageje gukora idini ryabo : baje ngo «barushaUmuco abandi». Bakoze iki? Bawuzimishije ukwikunda kwabo be n'umururazi wabo!Aho kubitangana umunyu n'Ubugwaneza, bagerageje gukumira abandi ngontibafatanye, kugira ngo ntihagire ico baba bagihurirako. Raba ico ivyovyavuyemwo! Kandi ivyo biracabandanya! Hanyuma none, muca mwumva iki? Mucamwumva umuntu aje afise ibi n'ibi : haca haba ukundi gutandukana! Umwe akavugaati : «Azoza ari kw'ifarasi y'igitare.» «Uwundi ati : Azoza ari ku gicu cera.Imana impezagire ngiye gushinga idini kuri ivyo!» Murabona uko bakora? Ivyobikwiragiza isenga! Ivyo vyavuyemwo iki? Ivyo vyakuyeho ugufatanya kw'abavukana.

54 Abagore benshi n'abagabo bo mu Makoraniro y'Imanaboshimye kuza kuri uno mugoroba ngo babatizwe mw'Izina rya Yesu Kristo kukobazi ko ari Ukuri kw'Imana. Ariko babikoze boca bacibwa!

Kandi n'Abanyabumwe benshi ba…Si ndi umunyabumwe.Sinizera Ubumwe nk'uko babitahura. Sinizera Yesu nk'uko bavuga Yesu; hariabitwa ba yesu benshi. Ni ivy'ukuri! Babatiza mw'Izina rya Yesu kubwo kuvukaubwa kabiri. Bavuga ngo : «Iyo ubatijwe (ni ukuvuka ubwa kabiri), biciye mumubatizo w'amazi.» Ivyo sindavyizera! Nizera ko ukuvuka ubwa kabiri kuzanwan'amaraso ya Yesu Kristo, kuzanwa na Mpwemu Yera. Ni ivy'ukuri! Umubatizo niigikorwa c'inyuma gusa kigaragazaigikorwa c'ukuvuka ubwa kabiri cabereyeimbere. Murabitahura? Ni co gituma ivyo ntavyemera, ariko ivyo ntibibuza kobose baba bene Data.

55 Igihe natangura ibango ry'igikorwa c'ukuvugaubutumwa mu ba Baptiste, baraje kumpendahenda bavuga bati : «Mwene DataBranham, ingo i wacu turamufise! Twaje tumuzanye ngaha.»

Narishuye nti : «Nta ruhande na rumwe negamiye! Ndihagati na hagati y'iyo mirwi ibiri, ndongera ndavuga nti : Turavukana!» Nambahari umuntu tudahuza, nta co bintwaye; ntaco bimbwira na gitoya, ukwo birikwose aguma ari mwene Data.

Ndafise mwene Data akunda imikate irimwo amapome;jewe nkunda iyirimwo inkere, ariko si vyo bizokwonona ugufatanya kwacu nka beneData! Ashobora gufungura umukate wiweukozwe mu mapome, nanje ngafungura umukate urimwo inkere. Namba uwanjendawusiga iforomaji yoroshe, na we akaba atayikunda… Jewe ndayikunda, ariko ubundashaje cane ku buryo ntakiwufungura; ariko ni wo nkunda. Atawukunda,ntategerezwa kuwufungura! Jewe nzofungura uwanje! Ariko azoguma ari mwene Data!Ni ivy'ukuri!

Jewe, ndakunda isangira. Ariko iyotwishingiye imbibe tuvuga duti : « Iri ni idini ryacu», hanyuma tukanka kujakuramutsa uwuri ahandi ngo tumubwire duti : «Imana iguhezagire mwene Data!»(yamara ukwo ni kwo gufatanya!), iyo mutabikoze muba mufise muri mwebwe uwomuzi w'umururazi neza na neza kurya kw'ab'i Simuruna kera, kandi mukama ivyamwabimwe; Izina ryabo ryari umururazi.

56 Abanikolayiti ntibahengeshanije kubanyoha gushikamu gihe c'umwiza. Hanyuma igihe ca Luteri catumye batera intambwe ya mbereberekeje Ubuntu, maze Agaco gacagatangura kwaka. Inyuma y'ivyo, haje Yohani Wesileyi azanye ukwezwa, ivyo bicabituma umuco wongerekana. Hanyuma haza umubatizo wa Mpwemu Yera uzananyen'Abapentekote ugarukana ukwizera kwa ba data. Ariko ntibashoboye kubigumizagurtyo, kandi baruhutse bawukuyemwo idini. Ubwo nyene baciye basubira muvy'Abanikolayiti, neza na neza nk'uko Bibiliya yari yavuze ko bazobikora.

57 Ubu rero, birakwiye koniyubara atari uko turaja gutevya. Reka rero dufate umurongo wa 9, uguhamwa:

«Ndazi amarushwa yawe n'ubgoro bgawe (yamara uri umutunzi)… (Aharero ariko abwira Ishengero nyakuri ntariko arabwira abandi, abwira abankaibikorwa vy'abanikolayiti)… n'ibitutsivy'abiyita Abayuda, atari bo, ariko ari isinagogi ya Satani.»

Baridodomba. Bari barafutanye. Bari babanyaze ivyobari bafise vyose. Bari barubatse agasengero nk'aka, kandi kubera bari umurwimutoya gusa, bari babomoye; Ishengero rinini ryari ryarabanyoshe.» Arikoyaravuze ati : «Ndazi ko mutegerezwa gukoranira mu mfuruka z'amabarabara, komukoranira mu tuyira, aho ari ho hose, aho bishoboka hose (naragiye kuraba muvyobo biteye bwa mva aho bategerezwa kuja gukoranira; bururuka mu kuzimu kugirabakorane, hagati y'ivyo bintu vyose). Ndazi amarushwa yawe, ndazi imibabaroyawe n'ibindi, ariko muzogirwa abatunzi muri ayo marushwa.» Oh! Igihe coseuguhamwa kuje kw'ishengero, birarikomeza. Ishengero ryama rikomezwan'amarushwa. Ngo : «Ndazi amarushwa yawe, yamara ur'umutunzi.» Kubera iki?«Warihanganye kubwanje : uri umutunzi. Amarushwa yawe nta co akugira.»

58 Nk'uko ubu rero mushobora kubibona, abanikolayitibarikoreye isinagogi. Aha Bibiliya irabitubarira. Mwabibonye aha ku murongo wa9?

«…ariko ari isinagogi ya Satani.»

Eh ego, Ishengero nyakuri ryashizwe hanze!Abanikolayiti bishize hejuru baca birukana abari bafise Mpwemu Yera, kandi abonta co bari bagishoboye gukorana na bo. Iyo iryo shengero ry'i Simuruna rijakumenya ko hari ibitsibo vy'abishwe bahorwa gushingira intahe Kristo vyaribibarindiriye, vyari kubanyiganyiza. Murabibona? Mu yindi mvugo, igihe ivyovyavugishijwe vyandikwa hanyuma bikarungikwa, ishengero rikabimenya, bakabonako ari bo bari bagiye kwambikwa igitsibo c'abishwe bahorwa gushingira intaheYesu Kristo, ivyo vyarabateye ubwoba cane! Bama bavyiteze umwanya wose! Arikontivyashitse mu gihe cabo. Ubwo rero, birashoboka ko bamwe bavuze bati :«Murazi, ni je ndabibabwiye, urya muvugishwa yarihenze. Yohana yarihenze,kubera ko ivyo bitadushitseko ngaha i Simuruna.» Ni uko rero, ivyo vyashitsehaheze imyaka amajana n'amajana. Murabibona? Ariko iyo Imana ivuze ikintugitegerezwa gushika.

59 Aho ni ho ukwizera kwacu gushingiye : Mw'Ijambory'Imana ubwaryo. Imana irashitsa amasezerano yayo yose. Mwokwibaza kumbure koivyo bitegerezwa gushika ubu, ariko kumbure ko atari co gihe c'Imana. «Ijamboryanje ntirizogaruka ubusa ariko rizoshitsa ivyo ritegerezwa gushitsa.» Imanaizokwama yubahiriza Ijambo ryayo, kandi rizokwama ivyamwa vyaryo mu gihegikwiye.

Abo bantu ni bo baribagize rero ishengero rya mbere, ariko muri iryo Shengero, harimwo ibiririrangabizogaragara haciye igihe mw'ishengero rya

Simuruna. Bari bagiye guhabwa igitsibo c'abishwebahorwa gushingira intahe Kristo; kandi abenshi muri

bo bari bagiye kwicwa.

60 Dusome rero umurongo wa 10.

«Ntutinye ivyougira ubabazwe (isinagogi rya Satani).Ehe uwo murwanizi agira ashire bamwe muri mwebwe mw'ibohero, kugira ngomugeragezwe, kandi muzogira amarushwa imisi cumi. Wame uyoboka gushitsa ku gupfa,nanje nzoguha igitsibo c'Ubugingo.»

Oh! Babariwe kutagira ubwoba igihe bazoba bagirabicwe kubw'ivyo bizeye! Mushiki wacu muka Wood yariko ambarira umusi umwe kobimugora gutahura igituma bamwe bashobora kubohorwa, abandi ntibabohorwe. Rimwena rimwe, mwategerezwa kumenya… Imana yarabwiye abo bantu iti : «Ntimutezweubwoba n'uko Satani azobatererayo, kuko ako kagwi k'abanikolayiti ari ko kajekubatererayo kandi kuko ngira ndabareke ngo mwicwe kubwanje. Ariko, kuri wamusi, nzobaha Igitsibo c'Ubugingo!»

1

61 Nimwihweze neza ibivugwa muri uyu murongo wa 10. Ngiranongere ndawusome :

«Ntutinyeivy'ugira ubabazwe. Ehe uwo murwanizi agira ashire bamwe muri mwebwe mw'iboherokugira ngo mugeragezwe, kandi muzogira amarushwa imisi cumi. Wame uyoboka gushitsa…(mwabonyeko atavuga ngo mu kurindira. Atari mukurindira urupfu, ariko ni gushitsa kurupfu. Murabitahura? …wame uyobokagushitsa ku gupfa… (ni vyo bakoze).

Mwabonye ingene yise abazokora ivyo? IryoSinagogi rya Satani ni abanikolayiti.Turabizi, si vyo ? Ryari idini, ivy'igipadiri vyariko birashirwamwo kandi ngobize bigirire nabi abo bantu, ariko abo bategerezwa kuyoboka Ubutumwa bwiza gushitsa ku rupfu. Muramaze kwihwezaibivugwa mu birori vy'ubugeni. Ntihavugwa ngo : «kuba umwe mu kurindira urupfu»,ariko havugwa ngo : «kuba umwegushitsa ku rupfu.» Murabibona ? Ijambo «gushitsa» n'ijambo «mukurindira» ni ivyiyumviro bibiri bitandukanye! Bategerezwa kuyoboka Kristo gushitsa ku rupfu. «Ntimutinye, kukonzobaha igitsibo.»

62 Yamara haravugwa ivy'iyo «misi cumi»,imisi cumi. Ngaha umusi umwe muri Bibiliya ungana n'umwaka umwe. Rero iyi misicumi ingana n'imyaka cumi ya nyuma umwami Diocletien yamaze atwara. Habayehoabami benshi batwaye mu gihe c'Ishengero rya Efeso. Ndibaza ko Neron yari umwemuri bo. Kandi uwo Dioclétien ni we yatwaye ubwa nyuma, iyo myaka cumi ya nyuma, mu bahamye Ishengero, ni we yavishijeamaraso kurusha abandi bose. Yifatanije n'uwo murwi, hanyuma bagandaguraabakristo, barabica, barabaturira : Nta co batabakoreye ; yabaye imyaka cumiy'uguhamwa, amaraso aseseka birenze ; ivyo vyatanguye mu 302 birangira mu 312.Ica iba impera y'igihe ca Simuruna carangiranye n'umuzo wa Constantin.Constantin yashitse mu 312. Ni yo yari ya misi cumi y'uguhamwa. Uguhamwa kwatanguranyena Néron, kurangira kuri Dioclétien. Kwatanguranye na Néron mu 64, inyuma y'aho Nero agiriye ku ngoma.

63 Umurongo wa 11 ni isezerano. Turawuvugako imbereyo kurangiza :

«Uwuri n'ugutwini yumve ico Mpwemu abwira amashengero. Unesha nta co urupfu rwa kabiriruzomugira.»

Ubu rero, birakwiye ko ndababwira ikintu kimwe.Ndafise iciyumviro ku mutima, kandi hamwe ntokivuga noba ndi indyadya. Hariikintu nashaka kubereka muri uyu murongo, kandi ndibaza ko cabaye kimwe

mubibazo bikomeye kuri jewe kuva kera, gushika aho naboneye inyishu. Rekatubisome twitonze cane:

«Uri n'ugutwi…(muyindi mvugo, uri n'amatwi yo kwumva, murabona amatwi yugururiwe Mpwemu)… ni yumve ico Mpwemu abgira amashengero…

Murabona, ico kintu nyene, ukwo guhamwa n'ivyo bintuvyose bica bishika. Kimwe cose muri ivyo bintu kiragaruka muri buri shengero

… Ico Mpwemuabgira amashengero.» Unesha…(mw'ishengero irihe? Irya Efeso? Ego cane! Irya Simuruna? Ego! Muri yose!)… Unesha…(mu mashengero yose)… nta co urupfu rwa kabiri ruzomugira.»

Uwo wese,mw'ishengero rya Lawodikiya, azonesha iki? Abanikolayiti, ivy'isi, amadini,ivy'igipadiri, ivy'iyi si vyose, hanyuma akavyiyambura maze agakunda Kristo.Uwo nta co urupfu rwa kabiri ruzomugira. Kubera iki? Kuko afise Ubugingobudashira! Ubugingo budashira ntibushobora gupfa. Yesu yaravuze ati :«Uwunyumva afise Ubugingo budashira, kandi ntazokwigera apfa. Nzomuzura ku musi w'imperuka.»

64 Benshi ntibaja kuvyemera ariko ndagomba komuvyiyumvirako neza vyukuri imbere yo gufata ingingo. Murabibona? Ngirandababwire ikindi kintu.

Ng'iki igituma ntizera ko hariho umuriro udashira.Ntihashobora kubaho umuriro udashira, kuko iyo uwo muriro uba udashira, wobayewaramyeho. Hariho uburyo bumwe gusa bwo kubaho ibihe bidashira, kandi ubwo nibwo tuniganira. Hamwe rero mwoba mutegerezwa kuzokwama musha ibihe bidashira,aho rero mufise Ubugingo budashira busha bugaherengetera, ico gihe rero, yobaari Imana isha igaherengetera! Ntimushobora kugira umuriro udashira, kanatsindaBibiliya ivuga ivyeruye ko umurirowaremwe! Rero ni waba wararemwe, si udashira! Igihoraho cose nticigezekiremwa, ariko camyeho. Ni igihoraho. Kandi Bibiliya ivuga ko umuriro waremewe«Satani n'abamarayika biwe »

Umuriro wararemwe : «ntuhoraho». Kandi sinizera koumuntu ashobora guhanwa ibihe bidashira.

65 Ndizera ko Bibiliya igaragaza neza ngaha ko «Unesha ataco urupfu rwa kabiri ruzomugira.»Ijambo urupfu risobanurwa ngo ugutandukana. Iyo dutandukanijwe n'Imanakubw'icaha, tuba tumaze gupfa; Bibiliya ni Yo ibivuga. Tuba turi kure y'Imana,tuba twaciwe, tuba twarapfiriye mu vyaha no mu kugabitanya, tuba tutazwi kuMana no mu Bwami bwayo. Ariko iyo twakiriye Imana, hanyuma tukagira Ubugingobudashira, ico gihe rero tuba tubaye abana bayo, n'agace kayo.

66 Agahungu kanje, Yosefu, ni agace kanje, ivyokokora vyose. Iyo nja kuba ndi umuntu ahambaye, umutunzi afise itungaryinshi…(birashoboka ko hatazoboneka ico atorana)…uko biri kwose, ni umuhunguwanje, kandi ni agace kanje. Nta nkeka! Ni agace kanje. Sinoshobora kumuhakanank'uko ntashobora kwihakana ubwanje, kuko ari agace kanje. Igipimo c'amarasocokwerekana ko ari uwanje. Murabitahura?

Kandi igipimo c'Amaraso ni co cerekana ko muriab'Imana canke ko mutari abayo. Murabibona? Muri abana b'Imana kandi mufiseUbugingo buhoraho. Ariko Ubugingo bucumura ni bwo buzokurwaho. Si ko biri? Ubworero, ibi nimuvyiyumvireko. Ico cose cagize intango, kirafise n'iherezo, kukoico cose gifise itanguriro ni ikiremwa. Ariko Imana ntiyaremwe : Yamye ariImana. Nta ho yigeze iremwa. Kandi kuri twebwe, uburyo bumwe bwo kugiraUbugingo buhoraho ni ukuba agace k'uko kuremwa. Imana ihabwe icubahiro! Oh, eseivyo twoshobora kubibona! Murabona ivyo Mpwemu Yera abakorera ? Ni Mpwemu Yera,Umuremyi ubwiwe, Imana Data, mu buryo bw'Impwemu yitwa «Mpwemu Yera» kuko yarikuri wa mubiri witwa Yesu, ari We Mwana wiwe. Yaremye Yesu, ari Wo mubiri, nico gituma urya mubiri wategerezwa gupfa. Imana yibera muri uwo mubiri w'umuntu;agasyasya k'amaraso karamenywe hanyuma Ubugingo n'agasyasya k'amaraso bica biragaruka.

67 Ni co gituma mw'Isezerano rya kera uwaza gusengayasubirana inyuma umutima umwagiriza icaha nk'uko yaje. Ariko mw'Isezeranorishasha, mu Gitabo c'Abaheburayo handitse ngo : «Uwusenga ntaba agifiseumutima urimwo ijwi rimwagiriza icaha».

Mw'Isezerano rya kera, uwaza gusenga yaza azanyeumwagazi w'intama akawugaramika hanyuma akawurambikako ibiganza; hanyumaUmuherezi akabona kuwukerera izosi, rero akumva uko amaraso avirirana n'uko uwomwagazi wanaga. Kandi ico gikoko kimaze gupfa, yarumva uko wigorora : wabawapfuye. Uwo muntu yaramenya ko ari we yari gupfa ariko umwagazi w'intama wabawamugiriye mu gishingo. Ni ho rero, umuherezi yaca afata ayo maraso, akayashiraku gicaniro, hanyuma umwotsi ukaduga, ryaba ari isengesho ry'uwambaza Imanakugira ngo aharirwe ivyaha vyiwe. [Agace ata majwi yafasheko - U] Arikoubugingo bw'ico gikoko ntibwashobora kugaruka ku muntu ngo bushushanywen'impwemu y'umuntu, kuko yari impwemu y'igikoko. Ubugingo bw'igikoko n'ubugingobw'umuntu ntivyashobora kuvangana. Ni co gituma yasubirana inyuma kwa kwifuzaicaha nyene, vya vyipfuzo nyene. Yaza kuko yaba yasambanye, agatanga ikimaziciwe, hanyuma agasubirana inyuma vya vyiyumviro nyene mu mutima. Ni ivy'ukuri!

68 Ariko iyo uwusenga… Ewe Shengero ry'Imana, ibintibibacike! Uwusenga aza rimwe risa ata buryarya

agana Umwana w'Imana, kandimu kwizera, agashira ibiganza vyiwe kuri We, yihweza mu Nyonga hiwe hatembaamate bamuciriyeko, ubwo rero agasubira kwumva imibabaro iri muri ibi ngo :«Mana yanje, Mana yanje, ni igiki kikumpebesheje!» Oh, bene Data, iyomwitegereje ikiguzi Uwapfuye kubwanyu yatanze, ari We yari Imanweli, Imanairiko irapfa mu gishingo canyu!...

None bica bigenda gute? Uwasenga, igihe akogasyasya kari mu maraso kamenekera mu Mwana w'Imana… Ariko ni nde yari yabumvyeako gasyasya k'amaraso?

None mwebwe muri iki? Muri agasyasya gakomoka kuriso. Umugore ntagira udusyasya dutukura two mu maraso. Umugore atanga gusa irigi: aribungenga, ategerezwa gutwara urubuto. Ariko amaraso ava ku mugabo, ni cogituma umwana yitirirwa izina rya se. Kandi umugore yabiriwe yitirirwa izinary'umugabo kubw'abana; aca yibungenga umwana w'uwo mugabo wiwe. Nk'uko mazekubivuga: inkokokazi irashobora guta irigi, ariko namba itahuye n'isake, ntacorizoshobora kuvamwo.

69 Nk'uko maze kubivuga, ni co gituma muri kino gihedufise amashengero menshi yashaje, agendera ku migenzo kandi akonje yagiye munyigisho z'abanikolayiti, kandi icari cayo cuzuye amagi aboze; ntazokwigeraaberagurwa kuko ari ay'inkokokazi itamenyanye n'isake. Murashobora kubagiriraivyo mushaka vyose, mukabita ba Musenyeri, abadiyakoni n'abandi, ntibazokwigerabizera ibimenyetso bizokwama biboneka ku bizera, kuko batigeze bahura n'umukwe,ari We Yesu Kristo. Iyo baba barahuye n'uwo Mukwe, bagahabwa

Ubushobozi bw'Imana…

70 Igihe ka gasyasya k'amaraso kamenerwa iKaluvariyo, maze Ubugingo bukarimwo, uwo Yehova mutoya…Oh, ivyo vyari bikwiyekudukorako!

Murazi, bose biteze ikimenyetso. Si vyo? Umwe wesearavuga ati:

«Nyereka ikimenyetso!» Abayuda bavuga bati : «Nutwereke ikimenyetso!»

Reka ndabahe ikimenyetso. Igihe kimwe Imanayarabahaye ikimenyetso.

Basaba ikimenyetso. Abisirayeli basaba ikimenyetso.Yishuye uwavugishwa na Yo iti : «Nzobaha ikimenyetso gihoraho : Inkumiizovyara. Inkumi izosama inda maze ivyare Umwana w'Umuhungu. Amen! Azokwitwa Imanweli risobanurwa ngw'Imana iri kumwenatwe.» Ni co kimenyetso gihambaye kitari carigeze gutangwa.

Igihe Imana, Umuremyi w'Ijuru n'isi, yaremaibinyenyeri n'izuba… Mugende ku musozi Palomar hanyuma murabishe ca cuma citwatelesikope, muzoheza mubone ikirere kingana n'aho umuco ugenda mu myaka 120.Muce mubishira mu birometero. [Aha mwomenya ko kw'isegonda umuco ugendaibirometero ibihumbi amajana atatu.-U]. Kure cane hirya y'ivyo hari amezi,ibinyenyeri n'amasi kandi ivyo vyose vyaremwe na We, vyavuye mu kiganza ciwe,nk'uku. Ego me!

71 Kandi uwo Muremyi w'ubwiza yacitse Umukiza wanje!Yicishije bugufi gushika aho acika agasyasya gatoya k'amaraso, bidaciye kumugabo, ariko biciye ku nkumi, hanyuma afata ako gasaho gatoya k'umugore kakiraimbuto yikorera agasago araheza akiberamwo. Oh, ivyo vyategerezwa kudukorako!Yehova! Yehova aryamye ku kirundo c'amase mu ruhongore rw'inka, arira! Yehovamu bwato bwuzuye ivyatsi! Ni ikimenyetso gihoraho kuri bamwe bamwe muri abobibona. Yehova ubwiwe, Imana ubwayo yihinduye uruyoya rurira (Haleluya!) muruhongore runuka! Hanyuma natwe twiyumvira ko hari ico turi co maze tukagendatugamitse amazosi! Hamwe umwuzure wogaruka, twese wotumira! Ariko tubandanyatubaho uko nyene twibaza ko duhambaye. Yehova na We, aryamye mu ruhongore,aryamye ku kirundo c'amase, arira nk'uruyoya urwo ari rwo rwose! Ivyovyategerezwa kudukorako! Ico ni co kimenyetso! Imana yari yaravuze iti :«Nzobaha ikimenyetso gihoraho.» Ni ikimenyetso nyakuri! Yehova, akina nk'akanak'agahungu! Yehova! Yehova akorera mw'isaramara, abaza imbaho nk'umubaji!Haleluya! Oh, Yehova yoza ibirenge vy'abanyavyaha! - «Nzobihera ikimenyetso.»

72 «Ego, ariko murazi, dukeneye abihebeye Imana,bambaye amakanzu, batanga amakarata ariko umwanya bakiriràko abantu, bafiseamadebure atari yo, n'ibindi.» Murabibona?

«Nzobihera ikimenyetso gihoraho» Yehova, ahagararamu rugo, yuzuye amate bamuciriyeko mu maso. Yehova, yambaye umubiri w'umuntu,yambitswe ubusa, amanitswe, hagati y'isi n'ijuru! Ntiyatewe isoni n'umusaraba.Ivyo twabibumvyemwo igishushanyo cambitswe akabindo; umubumvyi ni weyiyumviriye ivyo! Mu vyukuri, bamwambuye impuzu zose kugira ngo bamumaramaze.Oh, mbega akarwi k'indyadya! Igihe ni cashika! Ubu ni igihe c'umuntu arikoumusi w'Uhoraho uraje! Yehova! Yehova ariko arapfa, ego; kandi ntihagira ikiba!Yehova arasenga, kandi ntihagira ikiba! Ivyo vyategerezwa kudukorako! Niikimenyetso gihoraho! Ni ikimenyetso uwo ari we wese yoshobora gutahura.Hanyuma Yehova aracikana. Ubwo rero isi ica itangura guhinda agashitsi. Oh,Mana yanje!

73 Hanyuma ava mu mva aca aduga ahantu ho mw'ijuru.Yehova agaruka mu mero ya Mpwemu Yera

kugira ngo abe mw'Ishengero ryiwe, mubantu biwe! Imana ihabwe icubahiro! Yehova amanuka hagati mw'ishengero ryabo,ashira ahabona ivyiyumviro vyo mu mitima yabo! Yehova ariko akiza abarwaye!Yehova ariko avuga akoresheje iminwa y'umuntu gushika aho umuntu atabaacigenzura! Yehova agaruka mu gifaransa asobanura ivyavuzwe! Mushakaikimenyetso? Amen! Uwo Yehova yaje agana maraya, amuhagurutsa aho yari ari(yari yafutanye cane ku buryo n'imbwa zitoshatse no kumuraba) yaramwogeje mazearamweza kurusha Shelegi, hanyuma amuha umutima utunganye nk'ishurwery'ikirungu. Oh! Yehova afata imborerwa irambaraye mw'ibarabara, ibisazi bidumaku munwa, maze akamugira umuvugabutumwa! Amaraso ya Yesu Kristo ni Yo atweza!

74 Kuri ino si, yamanutse atumbereye igisagaragikengeretse cane, ku bantu babi cane, abo na bo baca bamwita izinarisuzuguritse cane umuntu atokwibaza. Ni ivy'ukuri! Bamufashe nabi cane, kandibamwita izina ribi ribaho: «Beyezebuli,» iry'abadayimoni. Abantu bamuhayeikintu kibi cane mu vyo bari bafise.

Ng'ico ico umuntu yamwibazako. Ariko Imanayaramuzuye kandi imuha intebe iri hejuru cane ku buryo yategerezwa kwunamikainyonga ziwe kugira abone amajuru. Amen! Imana ihabwe icubahiro! Maze imuhaIzina riri hejuru y'amazina yose yo mw'ijuru no kw'isi, kandi umuryango wosemw'Ijuru no kw'isi witirirwa Izina ryiwe: Ng'ico ico Imana yamwiyumvirako! EweMana yanje, ese ivyiyumviro vyanje vyoba nk'ivyawe, O Data! Ego! Ewe Zina ry'igiciro kinini!...

75 Yamara : «Unyizeraafise Ubugingo budashira». Rero namba hari ubwoko bumwe gusa bw'Ubugingobudashira, muronkera mukongera mukaronderera muri Yesu Kristo, ni Ubugingobw'Imana. Rero, igihe ka gasyasya k'amaraso kamenerwa mu Mwana w'Imana, hanyumauwo Yehova mutoya, yari yihishije muri uwo muntu yitwa Yesu (muri We hariukunengesera kw'Ubumana kwose), iyo twemeye ayo maraso kubwo guharirwa ivyahavyacu…iyo Mpwemu ntiyari ku muntu, ariko yari ku Mana. Imana ihabwe icubahiro !Bibiliya ivuga iti : «Amaraso y'Imana».

Hari uwambariye ati : «Wiyubare, ntihagire icouvuga kibi ku Bayuda kuko Yesu yari Umuyuda.» Ntiyari Umuyuda ! Ntiyari Umuyudacanke uwo mu Banyamahanga : yari Imana! Ni ukuri. Yari afise Amaraso yaremwe.Imana yayaremye mu buryo budasanzwe. Yari ayayo, kandi biciye muri ayo Marasoyaremwe, turamwemera nk'uwatubabariye ivyaha, kuko yababajwe agapfa kubwacu. Kagasyasya k'amaraso karamenwe, karekura Mpwemu Yera kugira ngo agaruke muritwebwe, none ubu turi abahungu n'abakobwa b'Imana kubwo ukuvukira muri Mpwemu.Rero, ubwo Bugingo bwari ubw'Imana, butagira itanguriro canke iherezo, niubwanje kandi ni ubwanyu kubw'ubuntu bw'Imana muri Yesu Kristo. Ni uko !

76 Ubu rero, twihweze ijambo umuriro. Turigarukeko gatoya. Nababariye ko hadashobora kubaho… ndizera ko hari umuriro utongora ; nta nkeka, Bibiliya irawutubarira. Arikontushobora guhoraho. Bibiliya ntiyigera ivuga ko uhoraho : ivuga ko ari umurirouzomara ibihe n'ibihe. Ntikoresha ijambo uguhoraho,ivuga umuriro uzomara ibihe n'ibihe.Wateguriwe wa murwanizi n'abamarayika biwe ; ni umuriro uzomara ibihe n'ibihe, ariko ntuzohoraho.Kumbure ko iyo mitima izohababarizwa kubwo ivyaha bakoze mu kiringo c'imyakaimiliyoni cumi. Sinzi ico «ibihe n'ibihe» bishobora gusobanura imbere y'Imana.Kumbure ni nk'iminota itanu kumbure ni nk'umuliyoni w'imyaka, canke amamiliyonicumi y'imyaka, ariko igihe kizoshika aho iyo mitima itazosubira kubaho.

77 Ng'iki ico Bibiliya ibivugako :

«…Unesha nta courupfu rwa kabiri ruzomugira.»

Urupfu rwa mbere, ni ugutandukana n'abakunzi bacu.Tuzoja mu Nyonga z'Imana tutagisubira kuva mu Nyonga zayo. Murabibona ? Nambahari urupfu rwa kabiri, rutegerezwa kuba ari urupfu rw'Ubugingo. Kandiuwanesheje isi, canke akanesha ivy'isi, afise Ubugingo budashira, kandi nta courupfu rwa kabiri ruzomugira. Turahageze rero ! Ubugingo budashira. Bibiliyaivuga iti : « Umugore yihaye ukwipfuzaaba yarapfuye ahagaze. » None si uko biri ? « Umuntu akora icaha ni we azopfa.» Mbega ugupfa ni iki ? Ni ugutandukana burundu, ugutandukana ibihe vyose. Murabona.Arakurwaho. Arakurwaho, ntagisigara. None ivyo bizofata igihe kingana gute? Azoca muri ya nzira nyene yazananyemwo,hanyuma aje ahantu kanaka, gushika aho azozimangana. Azosubira mu vyoyavuyemwo.

78 Turashobora gufata agasyasya, tukava ku gasyasya tuja ku kandi dusubira iyokavuye gushika tugeze ku gasyasya kabanje kubaho ; tukamena ako gasyasya, maze tugakuramwoibigize amaraso ; hanyuma tugeze aho, tugatora agace gatoya k'ako gasyasya aribwo bugingo. Ariko ako ntibashobora kugatora ! Nta co bakaziko ! Ubwo bugingobuzoja ahantu ata kizobusigaramwo. Ni ibiki bigize ubwo bugingo ? Sinibaza kohari ikintu na kimwe gifadika kigize ubwo bugingo. Ni ikintu co mu buryobw'impwemu.

Uburuhiro, buzoherengetera burundu kandintakizosigara. Niko Bibiliya ivuga iti : « Umuntu akoraicaha ni we azopfa. » Kandi abazoba banesheje muri ibi bihe vy'ishengeronta co urupfu rwa kabiri ruzobagira.Umubiri ni wo ubanza gupfa hagakurikira ubugingo, maze ntihagire ikibakigisigaye. Murabitahura? Murizera ko ari Bibiliya yabivuze?

79 Mwibuke ko hamwe umuriro woba uhoraho, Bibiliya yoba rero yihenda ivuze ko « umuriro waremwe».

Namba rero umuntuategerezwa kuzosha ibihe bidashira ari mu muriro, bikwiye rero ko ahabwaubugingo budashira kugira amenye ko ariko arasha. Si ko biri ? Ariko rero hariubwoko bungahe bw'ubugingo budashira ! Ni bumwe gusa ! Ni ukuri. Hari Ubugingobudashira bumwe gusa.

Ariko ntimugende muvuga muti : « Mwene Data Branham ntiyizera ko umuriro ubaho! » Mwene Data Branham arizera vyukuri ko umuriro ubaho ! Bibiliya irigisha kohariho umuriro. Kandi nk'uko hariho ahantu ho kuruhukira, hariho n'ahantu hoguhanirwa. Kandi nta nkeka Imana izohana umuntu yayicumuyeko. Nta nkekamuzohanwa muhowe ko mwanse Yesu Kristo nk'Umukiza wanyu. Ariko hazobaho igihemutazoba mukiriho. None ivyo bizofata amamiliyoni angahe y'imyaka ? Nta condabiziko !

80 Muba muri icaremwe gifise ikiringo kanaka co kubaho gushika aho muzovukira ubwakabiri, kandi guhera ico gihe, muba icaremwe gihoraho. Kandi uburyo bumweburiho bwo kubishikira ni ukugira agace k'Imana muri mwebwe, ni ukuvugaUbugingo budashira. Ivyo murashobora kubitahura?

«Uri n'ugutwi ni yumve ico Mpwemu abgiraamashengero ? »

Ndamukunda! Mweho? Ndanezerejwe cane no kuba mfiseUbugingo budashira ! Ubu ko mfise Ubugingo budashira, nta myitwarariko nkigira! Kandi ndabizi, kandi ndizera ko bose ngaha bazoburonka, twese.

81 Ngaha ndafise ivyo banditse kuri Ireneyo, bivuga ngo: «Soma iyi nkuru ». Icatumye Ireneyo atorwa ni uko yari afise ibimenyetso vya Pentekote yambere.

Ni bangahe bizera ko ishengero ryatanguye kuri wamusi wa Pentekote?

Ni vyiza cane ! Ni bangahe bizera ko Imana yemejeIshengero kuri wa musi wa Pentekote ? Ni vyiza cane ! Rero, ni ryaba ryariryo Shengero ry'Imana rya mbere, nambairyo ari ryo yise « Ishengero» kandi n'ubu akaba akiri umuzabibu natwe tukabaamashami, umuzabibu uramutse ushamitse irindi shami, rizoba irihe ? Rizoba ariirya Pentekote vyukuri ! Ariko kumbure atari iyo kw'izina ! Ubu turafise izina rya Pentekote, ariko nta corirushije amazina ya Metodiste,Batiste, Peresibiteriyano canke Pentekote. Ivyo nta co bivuze, ni amazina gusa.

Ariko igihe cose mufise gatitiba ya Pentekote mu mitima yanyu, ubwo rero, Pentekote iba irimu bugingo bwanyu, ikabaha Ubugingo budashira kandi Imana yarasezeranye ko « urupfu rwa kabiri ataco ruzobagira.»

«NtimukababazeMpwemu Yera w'Imana ». « Ntimukamubabaze (mu gukora ibintu bitabereye).Ahandi ho, muzovyishura ; kuko Bibiliya ivuga iti : « Ntimukababaze Mpwemu Yera w'Imana yabashiriweko kuba ikimenyetsogushika ku musi wo gucungurwa. » Si vyo ? «Ntimukababaze Mpwemu

Yera…»

82 Oh, uzoba ari umusi mwiza cane, igitondo ciza cane! Kugira ndabereke ko ukuzuka kuzobera rimwe kw'isi yose, atubwira ati : « …muri iryo joro, mu bantu babiri bazoba bariku buriri bumwe, umwe azojanwa, uwundi arekwe ; ah'abagore babiri bazoba barikobarasera hamwe, umwe azojanwa, uwundi arekwe, aho babiri bazoba bari mu mirima,umwe azojanwa, uwundi arekwe. » Murabona, ku gice kimwe c'isi hazoba arimw'ijoro, ku kindi gice na co ari ku murango ; ukwo kuzamurwa kuzoba ari izukarimwe rizobera kw'isi yose. Inzamba y'Imana izovuga, maze umwe umwe wese muribo, abo muri iri shengero rito, aha n'aha, n'aha, bazozuka !

Izo nkumi, zibonye umuteramyi agira indwi… Mwibukeko hari inkumi cumi. Si vyo ? Inkumi cumi zasohotse gusanganira Umwami ; zitanuzari iz'ubwenge, zindi zitanu zari iz'ibijuju. Kandi hari abateramyi indwi.Umuteramyi agira indwi agiye kurangiza(bamwe barasinziriye guhera kuri uyumuteramyi, kuri uyu muteramyi, canke kuri irya…) Humvikana ijwi rivuga ngo : « Ng'uyu Umukwe, nimusohoke mumusanganire! » Buno zirazanzamuka maze zitunganya amatara yazo. Kandi n'izindi zosegushika aha zirazanzamuka baravyuka. Oh, mbega ntikizoba ari igihe ciza cane !

83 Kera twahora turirimba aka karirimbo kavuga ngo :

Ni igihe ciza cane kuri wewe,

Ni igihe ciza cane kuri jewe,

Nitwaba twiteguye gusanganira Yesu Umwami wacu !

Reka turabe ko dushobora kukaririmba :

Ni igihe ciza cane kuri wewe,

Niigihe ciza cane kuri jewe,

Nitwaba twiteguye gusanganira Yesu Umwami wacu ! Mbega igihe ciza !

(Mbega ntikizoba ari ciza cane ?) Oh, mbega ntibizoba ari vyiza canehariya ?

Nta mitwaro tuzongera kwikorera !

Turirimbane umunezero

Amajwi ava mu mitima yacu yumvikane !

Oh, mbega ntibizoba ari vyiza cane iyo mw'Ijuru ?

84 Ni bangahe muri mwebwe bazi ko baja gutaha kuriuyu mugoroba ? Ni bangahe bazi ko baja kurengana uyu muryango basohoka ? Ntavyomuzi. Ni bangahe bazi ko nibamara gusohoka ? Ntavyo muzi. Ni bangahe bazi konibamara gusohoka ngaha bazoronka akaryo ko kwongera kugaruka ? Ntimushoborakubivuga ! Rero ntimupfishe ubusa uyu mugoroba ! Imana ntibarengane kuri unomugoroba, kuko ushobora kuba ari wo mugoroba wa nyuma muronkeyeko umwanyan'akaryo. Uko biri kwose, muri ba nde ? Muva he ? Muja he ? Igitabo kimwe gusa kw'isigishobora kubaha inyishu, ni iyi Bibiliya ya kera yahezagiwe ! Kandi Bibiliyani Yo twizera, Imana ni Yo twizera.

Kandi ni mwaba mutari muri uwo Mugeni, muri uyumurwi w'inkehwa, uwo za nemera n'amadini bigerageza kunyoha muri iki gihe,nimwaba mutari muri uwo murwi muto… Ariko mwiyubare ntimutegerezwa kuba abomuri iri Hema, ntimutegerezwa kwegukira ikintu ico ari co cose, mutegerezwagusa kuvukira muri ubu Bwami. Ubu rero nimwashaka gufatanya n'Abametodiste,Ababatiste, Abaperesibiteriyano canke uwo ari we wese, ivyo birabaraba.Nimufatanye n'abo mushaka bose. Ariko hari ico ngira ndababarire : iyo mwavutseubwa kabiri… murazi uyu mwibutsa, ngo : « Ibisangiye kamere bija hamwe. » ?

85 Igihe kimwe, barankebuye ngo : « Mwene DataBranham, mubarira abantu gusubira mw'ishengero rya Metodiste ! »

Mvuga nti« Nta nkeka ! Bareke bemere gucibwa gushikaaho bazobona ko ata handi hantu bafise boja!» Hanyuma muze mwirabire !

Ni vyiza cane, subirayo ! Ntihazoca igihe kirekire.Muzoraba, ntihazoca igihe kirekire, muzogaruka bidatevye!

Igihe haba umwuzure, Nowa yari mu bwato ari bwobwari ubuhungiro bwiwe. Hanyuma, Nowa arungika igikona kivuye mu bwato,kiravuza urwamo kandi ceraguza hirya no hino. Kubera ko coco cirira ivyapfuye,nticari kigoye guhaza. Hariho ibikankara cipfuza vyose, kandi kugira ngogihage, cabura gusa ivyo gihitamwo n'ivyo kireka.

Ubwo rero igikona cigumiyeyo, ciririmbirakinezerewe. Mbega umusi mukuru ga bagenzi ! Mbega amazimano!

86 Ariko igihe Nowa yarekura inuma, warashoborakubona ko yari imeze ukundi. Ivyo vyarayinukira, ntiyari gushoborakuvyihanganira. Kubera iki ? Inuma ntifise indurwe; ni yo nyoni yonyene itagira indurwe. Ntivyarigushobora kuyigwa neza; rero ikintukimwe conyene yari ishoboye gukora kwari ukugaruka yihuta ku bwato mazeikadodora ku rugi.

Nimugende iyo mushaka hose. Ikintu kimwe ndabasabagukora, ni ukwinjira gusa mu Bwami, kandi ndazi iyo muzoca muja. Ntimuzobamugishoboye kwihanganira ivyo bintu, bene Data, muzoheza muvuge muti :

«Nararenganye urubibe, nasize ivy'isi inyuma yanje. »Nta nkeka !

87 Oh, bari bakoraniye mu nzu yo hejuru,

Bose basenga mw'Izina ryiwe,

Baca babatizwa na Mpwemu Yera,

Maze ubushobozi bw'igikorwa bubamanukako ;

Ico yabakoreye kuri uwo musi;

Na wewe azokigukorera;

Ndanezerejwe cane no kuba nshoboye kuvuga ko ndi umwemuri bo;

(mweho?)

Ndi umwe muri bo, ndi umwe muri bo,

Ndanezerejwe cane no kuba nshoboye kuvuga ko ndi umwemuri bo.

Ni bangahe banezerejwe n'ivyo kuri uno mugoroba?

Ingo, mwene Data, rondera uwo mugisha

Uzotuma umutima wawe ukurwamwo icaha ugatungana; Uzokwumvikanishaamajwi y'umunezero.

Utume ubugingo bwawe bugumana umuriro; Ubu uriko urakamu mutima wanje, Oh, Izina ryayo rihabwe icubahiro! Ndanezerejwe cane no kubanshoboye kuvuga ko ndi umwe muri bo. Ndi umwe muri bo, ndi umwe muri bo,

Ndanezerejwe cane no kuba nshoboye kuvuga ko ndi umwemuri bo.

88 Ubu rero, mu gihe turiko turaririmba umurongoukurikira, nipfuza ko mufatana amaboko n'abari i ruhande yanyu, mwese,Abametodiste, Ababatiste n'Abaperesibiteriyano. Mufatane amaboko, kandimugiriranire urukundo rw'abavukana ku buryo mwoshobora no gusangira ijojo atangorane; iyo biba bishoboka! Ubu rero ata jwi ritwagiriza ikibi, dukundanyevyukuri, bivuye ku mutima, mu gihe turiko turaririmba duti :

Ndi umwe muri bo, ndi umwe muri bo

Ndanezerejwe cane no kuba nshoboye kuvuga ko ndi umwemuri bo;

Ndi umwe muri bo, umwe muri bo,

Ndanezerejwe cane no kuba nshoboye kuvuga ko ndi umwemuri bo.

N'aho abo bantu batize ivy'ukuba abahambaye

Canke ngo bishimire icubahiro c'isi,

Bose barahawe Pentekote yabo,

Babatijwe mw'Izina rya Yesu;

Ubu rero baja hose bavuga ko ubushobozi bwiwebudahinduka; Ndanezerejwe cane no kubanshoboye kuvuga ko ndi umwe muri bo.

Reka ubu rero turirimbe n'imitima yacu yose :

Ndi umwe muri bo, ndi umwe muri bo,

Ndanezerejwe cane no kuba nshoboye kuvuga ko ndi umwemuri bo.

(Haleluya!)

Ndi umwe muri bo, ndi umwe muri bo,

Ndanezerewe cane no kuba nshoboye kuvuga ko ndi umwemuri bo.

89 Mbega mwoshobora kwemera kwicwa mumuhorwa, hanyumabakamubaziza? Ni mwagera aho mutegerezwa guhangana n'urupfu canke mukaruhunga,mbega muzohangana na rwo? Mugiriwe ubuntu nta nkeka! Oh, Mana, woba ariumunezero! Ego. Uko ni ko nipfuza kwitahira, aha nyene havugirwa Ubutumwa! Niivy'ukuri! Nta gihe kinini kihaciye, nagira ngo ivyo bigira binshikeko muBudagi. Oh, bagira bandabe bandabiye mu matarubindi abona mw'ijoro, arikoabasirikare b'abadagi barankingirabankikije nk'uku, maze bansubiza inyuma. Naribajije nti : «Ese ingene vyarikuba vyiza cane gupfira Umwami wanje ahanyene ku rubuga rw'intambara! Oh, mbega ikintu ciza cane!»

90 Reka ndabaririmbire akaririmbo. Murabinyemereye? Muracafiseumwanya wo kwongera kuririmba akaririmbo gatoya? Ni vyiza cane! Sinshoborakukaririmba, ndaja kubabarira amajambo yako. Oh, namye nipfuza kumenyakuririmba! Kandi umusi umwe, igihe muzokwinjira muri ya mazu yanyu manini kandimeza ari hariya mw'ijuru, muri Paradiso... Hariya hirya y'ikibira; iyo twe naRussel Creech tuzoja guhiga, murazi... ku mpera y'ikibira, hariho akazu gatoyaako mwene Data Neville aririmba ivyako ati : «munyubakire akazu mu mfuruka za ca Gihugu ciza cane»...(ndibazayavuga iwanje)... umusi uteye igomwe, igihe muca mwinjirayo, muriko murihwezahirya no hino, hepfo aho ikibira kirangirira, muzokwumva uwuririmba ati :

Ko ari ubuntu butangaje, Mbega ijwi ryiyoroheje,

Ijwi ryakijije ruhebwa nka jewe!

Muzovuga muti : «Imana iragahezagirwa, ni inzumwene Data Branham yubatse ! Ari hariya, mpejeje kumwumva aririmba ati : « Ko ari Ubuntu butangaje»

Ubuntu butangaje ni bwo buzohanshikana.

Niivy'ukuri !

91 Arikobuvirirana amaraso,

Ego,(ni co gituma ndiko ndavyigisha)

Buviriranaamaraso,

UbuButumwa Bwiza bwa Mpwemu Yera buvirirana amaraso,

Amarasoy'abigishwa bapfuye bazira Ukuri;

UbuButumwa bwiza bwa Mpwemu Yera bubandanya kuvirirana amaraso,

Uwambere yapfuye kugira ngo ashitse uyu mugambi wa Mpwemu Yera yabaye YohanaUmubatizi ; ariko yapfuye nk'umugabo; Hanyuma haciye haza Umwami Yesu, baca baramubamba,

Yigishijeko Mpwemu azokiza Umuntu akamukura mu caha

Haza Petero, Paulo na Yohana,

Batanga ubugingo bwabo kugira ngo ubu Butumwa bwizabumurike.

Basheshe amaraso yabo nk'abavugishwa n'Imana bomw'Isezerano rya Kera,

Kugira ngo Ijambory'Ukuri ry'Imana rishobor

kuvugwa neza. Hari impwemu z'abishwe ziri musiy'igicaniro (abo bishwe bahorwa gushingira intahe Yesu Kristo) zisemererazivuga ziti :

"Uzogeza ryari?..."

Kugira ngoUmwami ahane abakoze ibibi ; (umvirize neza)

Ariko hazoboneka n'abandi benshi bazotanga amarasoy'ubugingo bwabo

Kubw'ubu Butumwa bwiza bwa Mpwemu Yera n'umupfundawabwo

utukura

Buvirirana amaraso, ego, buvirirana amaraso.

Ubu Butumwa bwiza bwa Mpwemu Yera buvirirana amaraso,

Amaraso y'abigishwa bapfuye bazira Ukuri,

Ubu Butumwa bwiza bwa Mpwemu Yera bubandanyakuvirirana amaraso.

92 Yoo, hagiye kubaho .... [Mushikiwabo avuga mu rundi rurimi; umuvandimwe atanga ibisobanuro: "Yego, ndabibabwiye, bwoko bwanjye: Nkuko umugaragu w'Imana nzima yakuzaniye ijambo ryayo muri iri joro, ndababwiye ko isaha iri ku isi. Yego, ndababwira ubwoko bwanjye kugira ngo mwitegure; yego, kugirango ushakishe umutima wawe. ("Yego," ni ko Uwiteka avuga.) Kuberako mvuze ko ku isi hose muri iyi saha, ubu hariho imyuka mibi myinshi yimukira ahantu hirengeye. Yego, hariho ibintu byateguwe ubu (Imana ishobora byose ivuga), bizasohoza ibyo umugaragu wanjye yavuze.

"Nanjye mbabwira, bantu banjye, ko iyo saha nirangira, yego, ubwo nzasohoza ibyo bintu, yego, ubwo muzasabwa gufata ibyemezo mu mutima wawe ku byo muzakora, njye nkubwire iri joro, uzahagarara ku kuri? Yego, uzanyemera (Imana Ishoborabyose ivuga)? Uzagambirira mu mutima wawe kunkurikira, nk'uko nakugiriye inzira?

"Ndakubwira nti abahungu banjye n'abakobwa banjye, iri joro, ntucike intege, kuko mvuga ko hari iminsi y'umwijima iri imbere yawe. Ariko ndababwira ngo mugire ubutwari, kuko nzasura ubwoko bwanjye n'imbaraga nyinshi. Nzatsindishiriza Ijambo ryanjye (ni ko Uwiteka avuga). Nzagaragariza ubwoko bwanjye, kuko nkubwira ko nzabagerageza kandi nzabatunganya, kandi bazamenya ko ndi Imana ikomeye ishobora byose yabacunguye, (ni ko Uwiteka avuga.) "Amen.

[Umuvandimwe avuga mu rundi rurimi. Ahantu hatagaragara kuri kaseti. Mushikiwabo avuga mu rundi rurimi. Umuvandimwe atanga ibisobanuro: "Ndababwiye, bantu banjye, muri iri joro, nk'uko nongeye kubabwira uyu mugoroba, mugomba gushakisha umutima wawe. Ugomba kumenya muri iri joro kuko ninjiye hagati yawe kugira ngo nkuzanire ayo makuru, kugira ngo ntagutera ubwoba. Kuko ndi Imana ya Aburahamu, Isaka na Yakobo, ariko uyu munsi ndagendana nawe.

"Bantu banjye, ndababwiye yuko mukomeze kwizera; ko ugomba gushyira ku ruhande ibyo bitekerezo hamwe naya marangamutima kubwurukundo rwawe bwite; kugira ngo ushire umutima wawe ku Mana yawe; kugira ngo uve mu bucucu; ko ugomba gushyira inzira zabantu kure yawe; kugira ngo uhindukire Umwuka wanjye, unyemere guhimbaza izina ryanjye binyuze mu kubaho kwawe.

"Ndakubwira muri iri joro, gira ishyaka, uhindukire ubupfu bwawe. Kureka ubwoba bwawe, kuko ndi Imana yawe ikurinda iri joro, amaso yanjye azahungira hirya no hino. Nkuko nabivuze, nanjye nzabikora kugeza imperuka.

"Noneho, nyitegereza, unyizere, wihane ububi bwawe, no kutizera kwawe, n'ubwoba bwawe; uze aho ndi, unkorere. " Ukwo ni ko Umwuka w'Imana nzima avuga.]

Amen. "Ufite ugutwi niyumve icyo Umwuka abwira amatorero." Ndamukunda .... Kuramya nonaha. Reba icyo azakora. Niba utarigeze umukunda mbere, urashaka kumukunda nonaha? Wari guhaguruka ukamumenya, ukamufata nk'Umukiza wawe? Imana iguhe umugisha, muvandimwe.

Kandi waguzwe (Undi uzahagarara, vuga,

"Ndamushaka ubu, ndashaka kumukunda."?)

agakiza

Kuri Calvary's .... (Imana iguhe umugisha mushiki wawe,

Imana iguhe umugisha usubireyo, mukecuru).

Ndamukunda ... ("Ufite ugutwi, reka

umva icyo Umwuka abwira itorero. ")

..... Yabanje kunkunda,

Naguze agakiza kanjye

Ku giti cya Calvary.

93 Ewe Mana,Data wa twese wo mw'Ijuru, urabona aba bantu batatu bahagaze. Ewe Uhoraho,ndagusavye ngo ugire imbabazi, maze ubaharire icaha cose, ubahe agakiza naMpwemu Yera mu bugingo bwabo, kugira ngo urupfu rwa kabiri ntiruzogire icorubagira.

Mwami kuri uno mugoroba mu gihe bahagaze ngahabatahuye ko hari ikintu cegereje kuba. Mpwemu Yera yatuburiye. Oh ! KubonaMpwemu w'Imana yururukira mu bantu, kumubona akora nk'uko Ivyanditswe bivuga !Ewe Mana yanje, muri ubu butumwa butatu, umwe wese yabwiwe ubwiwe !

Ubu rero Data, turagusavye utugirire imbabazi. UwoMpwemu mukundwa agume muri twebwe. Ewe Mana yacu ese twomwubaha ! NubiduheData. Ubwo bugingo abe ari Wewe uburinda ; ni ivyamwa vy'ubutumwa bw'uyumugoroba, n'ubutumwa bwa Mpwemu Yera bwigishijwe hagati yacu. Kandi turagusaba,ewe Data, Mana yacu, ko wobana na bo imisi yose y'ukubaho kwabo. Kandi « mw'isiitazoshira» tuze tubonane na bo, twaracunguwe n'Amaraso n'ubuntu bwa Kristo.Ewe Data, turabaguhaye, ubuzuze Mpwemu wawe Yera. Tubigusavye mw'Izina ryaYesu, Amen !

94 Imana ibahezagire, bene Data ! Abakristo bari hafiy'aba bantu babaramutse mu gihe bariko basubira mu bibanza vyabo; mubipfurizeukuroranirwa kuva ku Mana.

Itegereze ingene Mpwemu Yera akora mu bwitonzi,ingene yakoze ivyo vyose tugiye kurangiza! Bibiliya ivuga iti : «Babiri cankebatatu badasaga bavuge mu ndimi.» Murabibona? Ubwo butumwa bwatanzwe, atari mugihe nariko ndavuga, ariko mu nyuma vyose birangiye. Uko ni ko ivyo bitegerezwakugenda, umwe wese aciye bugufi vyukuri kandi yumva ico Mpwemu Yera avuga. Ubworero, haca haba iki? Abanyavyaha baca bahaguruka kugira ngo bihane! Oh,muvyiyumvireko! Mpwemu Yera ubwiwe ntiyahagaritse Ijambo ririko riravugwa,ariko mu nyuma yaje maze arigaragaza.

Abo bantu bavuze mu ndimi ndabazi, uko ari batatundabazi; ndazi kandi n'abo batanze insobanuro; ndazi ko ubugingo bwabobutagiramwo icaha imbere y'Imana. Mwene Data Neville, umwungere wacu, yariumwungere wo mu Bametodiste yahawe Mpwemu Yera. Junie ari hariya, Mwene DataJackson, nawe nyene ni umwungere wo mu Bametodiste yahawe Mpwemu Yera, afise impanoy'ukuvuga mu ndimi n'ukuzisobanura.

95 Murashobora kubona ingene barongora ishengeroryabo, umwe wese arubaha mu gihe Imana iriko iravuga. Murabona ukuntu ivuganeza na neza nk'uko Bibiliya ivuga : barahuza mu gihe ubutumwa butatahuwe neza,arongera akavuga ariko akavuga ahuje n'Ivyanditswe, ntazovuga incuro zirengazitatu. Atanga ubwo butumwa butarimwo amadidane kuko: «Impwemu z'abavugishwa n'Imana ziganzwa na bo».

Bose bakumvirizabatekanye...

Uko ni koishengero ryategerezwa kuba ritunganijwe. Kumbure kuri mwewe muvuye hanze mazemukanyumva ndabivuga, uko ni ko vyategerezwa kumera. Ubutumwa bwatanzwe:murabona ivyavuyemwo? Ivyo bishika mugihe gikwiye. Hari ikintu gica gishika, neza na neza nk'uko bigenda kukurobanura impwemu canke ku yindi ngabire yose. Mbega ntibitangaje? Oh,ndanezerejwe cane n'ukumenya ko ivyategetswe na Paulo ngaha n'uyu musibikiriho. Ivyo ntivyahindutse. Oh, ndanezerejwe cane no kuba nshoboye kuvuga kondi umwe muri bo! Mweho? Ni uko!

96 Mu misi iri imbere, tuzokwiga igihe ca Lawodikiya: ni igihe co kwabirana. Nambamwobishobora, nipfuza ko mwoza. Twatebeje gatoya kuri uno mugoroba, kumburekuko Mpwemu Yera yavuze. Ariko haracari kare, haracari isaha zitatu n'iminotamirongo ibiri. Mu bisanzwe, nama mvuga gushika isaha zine canke zitanu;twanyarukije rero kuri uno mugoroba! Muranezerejwe n'ubutumwa bw'Umwami? Muranezerewe vyukuri? Ivyo bigaburira ubugingo.

Imana ibahezagire bana banje! Murabizi, ndabakundan'umutima wanje wose! Rimwe na rimwe iyo Mpwemu Yera anjeko, riba rifiseubukuba... Uko ni ko Ijambo rimeze, rikarishe nk'inkota y'ubugi bubiri.Risogota hirya no hino, imbere n'inyuma, mu mpande zose. Ariko ni ryo ridukeba.Ugukebwa gukurako gusa ikirenga ku co umuntu yambariye, ivyo tutategerezwa kubadufise.

Ubu rero nashaka ko ibimubitegera. Mwumvise Mpwemu, mu gihe c'ugusobanura kwo kuri uno mugoroba? «Sigaho ubwo busazi!» Ivyo birakeba!Mureke kuba indyadya! Twese tugenda duta umurongo, ariko Imana irazi ingeneidusubiza mu nzira. Si vyo? Nta nkeka ko ibikora! Ndabiyishimiye, mweho?

97 Ni wewe uvuza inanga ngaha?... Mbega ni Teddy ?Ntaho ndamubona… Ni vyiza cane, mushiki wacu, ni waba uvyemeye. Mbega yoba ariumukobwa wawe ga mwene Data Daulton ? Umukazana wawe. Umupfasoni mwiza,ndanezerejwe cane n'uko uri umukristo ! Ni vyiza cane ! Mbega akaririmbo kakera twaririmba mu gutandukana ni akahe ? Tubanze tugerageze kuririmba akandikaririmbo.Mushiki wacu, rindira akanya gatoya imbere y'uko turirimba ngo « Izina ry'Umwami Yesu »

Ni bangahe bazi : « Ntimugasigehogusengera hamwe » Ni bangahe bahora basengera hamwe ? Ni vyiza cane ! Rindirimwe, twongere tugerageze nka kera:

Ntimugasigehogusengera hamwe, Yesu agomba kubasanga aho, Azokwitwararika ingorane zanyu zose. Oh, ntimugasigeho gusengera hamwe! Muragakunda?Tugerageze rindi rimwe :

Ntimugasigehogusengera hamwe

Yesuagomba kubasanga aho ; (murafitaniye isango) Azokwitwararika ingorane zanyu zose.

Oh,ntimugasigeho gusengera hamwe!

98 [Mushiki wacu umwe avuze ati: "Mwene Data Branham, novuga ikintu kimwe?"] Ata nkeka, Mushiki wacu. [Agace katavuga kuri bande.] Mushiki wacu Nash, ni vyiza cane. Yego, ninba mubishaka gusa:

Izer'udakekeranya kw'azogutabara;

Tur'iyo mitwaro yawe Umukiza,

Yizane.

Yizane, yizane.

Tura iyo mitwaro yawe Umukiza,

uyizane;

Izere udakekeranya kw'azogutabara,

Nutur'imitwaro yawe Umukiza.

99 Mbega ntimukunda utu turirimbo twa kera? Ndizerako aba bantu bafata ikaramu bakavyandika bahumekewe na Mpwemu Yera.

Ni nka ya mpumyi Fanny Crosby, igihe ab'isibagerageza kumwandikisha indirimbo z'ubupfu bamubarira bati: «Uzoba umugoreatunze cane!»

Ariko yarabishuye ati : «Ubugingo bwanje n'ubumenyibwanje navyeguriye Kristo!» Nk'uko mubizi yari impumyi. Aravuga ati: «Ubugingobwanje n'ivyanje vyose ni ivya Kristo.»

Kubera ko yari yanse ikintu nk'ico, vyaciyebibashavuza. Ariko ntiyashima kugurisha uburenganzira bwiwe bwo kuba Samuragwanka Presley n'abandi : yagumye ashikamye. Bamaze gutandukana na we

bamubwiyebati : «Ni waja mw'ijuru (namba ahohantu habaho) ukaba nk'uko umeze ngaha, uzoba uri impumyi! Namba rero uzoba uriimpumyi, uzomumenya gute?»

Na we ati : «Nzomumenya, nzomumenya»

Bati: «None uzobigenza gute, ni waba uri impumyi?»

Arabishuraati : «Nzorondera inkovu z'imisumari.» Hanyuma aca abaha umugongo, ariko aragenda,atangura kuririmba ati :

Nzomumenya,nzomumenya,

Nzomuhagararaimbere nkize,

Nzomumenya,nzomumenya

Mbonyeinkovu mu biganza vyiwe.

100 Ewe Mwami wanje Yesu, hamwe na zirya nkovu zitanu z'igiciro kinini, ziviriranahariya kubwanje, mbega noshobora gute kwigera nihakana uwo Mukiza w'igicirokinini? Notuma mpfa kandi ngakurikira inzira y'ibintu vyose, ariko sinze nigerenihakana uwamviriye Amaraso y'igiciro kinini hariya, maze akampfira!

Kuri uno mugoroba, imbere y'uko dutandukana, twongereturirimbe :

«Izina ry'UmwamiYesu »

Izina ry'Umwami Yesu

Ni ryo ryokuremesha,

Mu magorwa yawe yose, Rijane aho uja hose.

N'Izina ryiza pe (oh, ryiza cane!) Baryizigiremw'isi.

N'Izina ryiza cane (Izina ry'igiciro kinini), Izinaryiza cane! Barishime mw'Ijuru.

Ubu naho, twunamitse imitwe, turirimbe bukebuke :

Amavi yoseapfukame,

Mw'Izinary'Umukiza,

N'indimi zizezemere

Ko Yes'ar'Uhoraho

N'Izina ryiza pe,

Baryizigire mw'isi

N'Izina ryiza cane

Barishimemw'Ijuru;

Niizina ryiza pe,

Baryizigiremw'isi,

N'Izinaryiza cane,

Barishimemw'Ijuru!

Ubutumwa bwa

William Marrion Branham

"...mu minsi y'ijwi..." Ivyah 10:7

www.messagehub.info